# Imbúto y'Ûmwâryānâ

Phoenix, Arizona, USA

18 Nzero 1965

1 Nahisémwo Icanditswe kigufi kuri uno mugoroba, canke igisomwa kigufi, Umwami Abigomvye, kuduha insobanuro yaco, muri Matayo Mweranda 13 :24 gushika kuri 30. Hanyuma kandi nsha-nshaka no gusoma kuva ku 36 gushika kuri 40, mu minota mikeya gusa. Rero Matayo Mweranda, igice ca 13, guhera ku murongo wa 24 w'igice ca 13 ca Matayo Mweranda. Nimutege amatwi neza ugusomwa kw'Ijambo. Amajambo yanje azonanirwa, ariko iryiWe ntíRizônánirwa.

> *Abacira uwundi mugani, At'Ubwami bwo mw'Ijuru busa n'umuntu yabivye imbuto nziza mu ndimiro yiwe.*
>
> *Uwo muntu asinziriye, haza umwansi wiwe abiba urwamfu mu ngano hagati, arigira. Zimaze gusēsa no kuyangika, urwamfu ruca ruraboneka.*
>
> *Abashumba ba nyen'urugo baraza baramubaza, bati Mbega mutungwa, ntiwabivye imbuto nziza mu ndimiro yawe? Non'urwamfu rwavuye hehe?*
>
> *Na we ati N'umuntu w'umwansi yagize artyo. Ba bashumba baramubaza, bati Non'uragomba ko tugenda… kurutororokanya? At'Oyaye, kuko kumbure mu kurandura urwamfu mworandurana n'ingano.*
>
> *Mureke bikurane vyompi gushitsa mw'igenya. Maze mu gihe c'igenya nzobwira abagenyi, nti Mubanze mutororokanye urwamfu, muruhambire imikama, mururturire; ariko ingano muzimburire mu kigega canje.*

[Bibiliyay'Icongereza y'Umwami Yakobo - Umus.]

2 Mwabonye, "Gutororokanya urwamfu ubwa mbere, no kuruhambira imikama"? Rero, aho naríko ndasoma ibi, hariho ikintu gitangaje cănjéko igihe narí nîcaye hariya hejuru ku misozi ya Catalina ejo bundi ku mugoroba, ndí mu masengesho. Ni ho rero nībaza, nti ni he notororokanya ijambo noshobora gukoresha kuri ibi nshaka kuvugako kuri uno mugoroba?

Ni ho namánuka nca ndonka ijambo *umwâryānâ*, ku bw'ivyo nca mfata kazīndūzi ndāba ico ijambo *umwâryānâ* risigura. Na ryo risigura ko ari "kubiba ugucanamwo," canke-canke, "kuba igihushane," nk'uko Webster ivuga, "kubiba ugucanamwo, ikintu gitandukanye," canke, "kuba igihushane c'ikintu cāmazé kubaho. "Kubw' ivyo nca ndibaza ko, igisomwa kuri uyu mugoroba, nōcīta: *Imbuto Y'Ûmwâryāna*. Kandi ndizigira ko Umwami Aza guhezagira Ijambo ryiWe ubu aho tugīyé kuRijako.

3 Kandi turanazi ko Yasóbānuye, ku murongo wa 36 no-no gushika ku 43, ukuntu iyo mbuto yĕze. Rero tukiri kuri ico, reka dusome n'ivyo na vyo, umurongo wa 36 rero gushika ku wa 43.

> *Maz'asezera ishengero, yinjira mu nzu. Abigishwa biwe baza kuri We, bati Dusobanurire umugani w'urwamfu rwo mu ndimiro.*
>
> *Na We arabishura, at' Ūbiba imbuto nziza n'Umwana w'Umuntu.*
>
> *Indimiro n'isi. Imbuto nziza nibo bana b'Ubwami. Urwamfu n'abana ba wa Mubi. Umwansi yarubivye ni wa Murwanizi.*
>
> *Igenya ni umuhero w'isi. Abagenyi n'abamarayika. Nk'uko urwamfu rutororokanywa rugaturirwa mu muriro, niko bizoba ku muhero w'isi.*
>
> *Umwana w'Umuntu azotuma abamarayika biWe, na bo bazotororokanya ibitsitaza vyose n'abakoze ibizira, babikure mu Bwami bwiWe.*
>
> *Bazobaterera mw'itanure ry'umuriro, ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z'amenyo.*
>
> *Buno abagororotsi bazokwaka nk'izuba mu Bwami bwa Se. Ūri n'amatwi ni yumve.*

4 Uwo ni Yesu Aríko atanga insobanuro y'uwo mugani, ubwiWe, kubw'ivyoturazi rero ico iyo nsobanuro isigura. Rero ubu mu gihe tugiye kuja kuri ibi, kuri uku kubiba imbuto n'i -n'igenya, ubu We Arabisobanuye. Ni ho rero nīzêra ko Yesu Yaríko Avuga uwu mugani mu gihe ciWe, Ariko Yaríko Ashaka kuvuga ko wobaye kw'iherezo ry'isi, canke, iherezo ry'igihe, kikaba ari kino gihe. Kandi ndizera ko kino gisomwa gito kuri uno mugoroba kijanye cane n'igihe tubayemwo, kuko Yesu Yavúze Abitomoye neza hano ko "itororokanywa ryōbāyé ku muhero w'iyi si," yuko aho ari ho umuhero wōbāyé; itororokanywa ry'ingano, n'itororokanywa ry'urwamfu nyene no kuruturira, no kwinjiza ingano muri bwa Bwami. Ndizera ko vyări bimeze uko.

Kandi ikindi Cănditswe kintera kwizera ukwo, nāndítse hano, ni Matayo 24:24, ahavugwa yuko, havuga ivy'i - imbuto - imbuto y'ûmwâryānâ. Yesu Yavúze yuko izo mbuto zibiri zōbāyé zegeranye cane gushika n'aho vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyari bishoboka. Hafi neza na neza co kimwe.

5 Ahandi ho mu Vyǎnditswe ahó vyāndítswe, hānditswe yuko imvura igwa ku babi n'abeza.

Ndibuka ubwa mbere nshíka hagati y'Abapentekoti. Narí i Mishawaka, muri Indiana. Nkaba nári mu gikorane kininiya, inzu y'amakoraniro hafi nk'iyi, ahó abo mu Buraruko n'abo mu Bumanuko bǎri bâhūriye hamwe. Kubera iyo minsi, y'ivangura, vyǎbasaba gukoranira hariya ruguru. Bǎri imice ibiri minini y'abavukanyi ba Kipentekoti. Sinarí bwigere ndabumva canke mpura na bó imbere y'aho. Ni bwo bwa mbere nari numvise ivyo kuvuga mu ndimi. Mu mpera y'umurongo, w'igikorane…Jewe ntǎri umunywanyi hagati yabo, narí gusa umuvugabutumwa akiri muto w'Umubatiste, nǐyicariye inyuma kure. Kandi ndibuka ubwa mbere nûmva umuntu kanaka avúga mu ndimi, sinarí ndanāzi n'ivyo - ivyo ari vyo. Hanyuma rero abo bagabo babiri, ahanini, bǎri bîcaye imbere, umwe yarávuga mu ndimi uwundi na we agasobanura ivyo uwo mugabo avuze. Neza, nca ntangura gusoma Bibiliya yanje n'ingoga uko narí nshoboye, ngāhó rero, nca nsanga yuko ivyo vyǎri bihuye n'Ivyanditswe. Ivyo ni vyo neza na neza Ivyanditswe, Mpwemu Yera Yōkozé.

6 Neza, nk'umunsi umwe inyuma y'aho…Iryo joro umutima wanje wararurumba cane. Narâye mu murima w'ibigori. Sinarí mfise amahera akwiye yo kwirihirai-i-igitanda, rero narí mfise gusa amahera akwiranye no kunshikana i muhira, nca nigurira ibitumbura, bimazé iminsi, canke udukate, twǎri udukate; nk'imfungurwa zo mu gatondo. Naranahawe ikaze gusangira na bo, ariko nta mahera narí mfise yo gutêrēra. Muri iyo minsi, hǎri muri ca gihe c'ingorane z'ubutunzi, mu 1933, ku bw'ǐvyo vyǎri-vyǎri bigoye cane. Ni uko rero ndiyumvira nti, "Neza, nzo…sinshaka gusangirana bo, ariko nshaka kumenya ico bafise. Barafise ikintu kanaka ntafise."

Rero muri ako gatondo narí… bǎravúze bati: "Abavugabutumwe bose mūzé hano imbere hanyuma mwidondore, abó murí bo, ahó muvá."

Neza, ni-nǐvugiye gusa nti: "William Branham, umuvugabutumwa, w' i Jeffersonville," nca ndiyicarira. Neza, ico gihe ni je narí umuvugabutumwa akiri muto cane mu bandi bose bǎri aho imbere. Hanyuma umusi ukurikira bǎrāmpámagaye imbere kuvuga. Hanyuma máze kuvuga, erega, twǎgize ibihe vyiza cane, nca rero ntangura kubonana n'abantu batandukanye bântumira mu mashengero yabo. Hanyuma bámaze ku…

7 Inyuma y'ivyo, erega, nca ndiyumvira nti: "Ese gusa noshika aho bâ bantu babiri nyamukuru bǎvuga mu ndimi bakongera bagasobanura bari!" Vyǎrikó birǎncānīra mu mutima wanje, narabigomba cane rwose. Neza, nk'uko nabíbabwīye mu ntango, ingabire ntoya bisaba gushítura. Murazi, ingabire n'imihamagaro ntívyīcúzwa, ubigira ubuzima bwawe bwose, urabona, urabivukana, nimba ari ingabire z'Imana. Rero nǎmye, kuva nkiri umwana muto, vyǎmye binshikako, abantu bānzí ubuzima bwanje bwose, barazi ko ivyo ari ukuri. Neza, iyo niyumviriye… Sinarí nzi ivyo ari vyo ico gihe, navyîta iyerekwa, sinarí nzi gusa ivyo ari vyo. Ariko nǐyumvīriye nti: "Hamwe gusa novugana na bo!" Neza, kandi impwemu yumvīkana muri iyo nyubakwa yása n'uko vy'ukuri ari Mpwemu w'Imana.

Ku bw'ivyo na-narashoboye kuganira n'umwe muri bo, ndamubaza ibibazo bikeya, kandi yarí Umukristo nyawe w'ukuri. Nta gukekeranya kwǎrimwó, uyo mugabo yarí uwizera nyakuri. Wa muntu wundi na we, igihe navúgana na we, nimba narigeze guhura n'indyadya, yarí imwe muri zo. Mu vy'ukuri uwo mugabo yarí…Umugore wiwe yarí afise imishatsi isa n'umujumbu, ariko yarí afise abana ku…abana babiri ku mugore afise imishatsi yirabura. Maze nca ndiyumvira nti: "None, ibi ni ibiki? Ngāhó rero, nda-ndazazaniwe. Jewe ndi umunyavyanditswe; bitegerezwa kuba Ijambo, canke na ho si vyo. Kandi ehe raba Mpwemu, umwe yarumvikanishije ijwi, ku vyo nzi jewe, ari uw'ukuri; ariko uwo wundi ntiyari mwiza na gato; kandi Mpwemu Akabamanukako bompi. None ivyo bishoboka bite?" Narí, vyǎrānsíga.

8 Imyaka ibiri inyuma y'aho, naríko nsengera mw'isēnga aho nahóra nja gusengera. Muri iryo sēnga hǎri umukungugu, máze umuhingamo umwe ndasohoka, ndambika Bibiliya yanje ku kigiga, hanyuma umuyaga uraYizingurura mu Baheburayo, ikigabane ca 6. Kivugá, yuko mu minsi y'iherezo, ukuntu vyōbāyé hamwe twōgwá tukava ku Kuri no kwongera kugirwa basha n'ubwo twokwihana, nta kimazi c'ivyaha kiba kikiriho, n'ukuntu ya mahwa n'ibitovu, vyǎri vyegereje gutabwa, iherezo ryâvyo ni uguturirwa; ariko imvura iza kw'isi, kenshi, kuyivomera, kuyambika; ariko amahwa n'ibitovu vyotâwe, ariko ingano zigakoranywa. Nca ndiyumvira nti: "Neza, ni umuyaga vyāshitsé gusa urahazingurura." Erega, nca nongera ndambika nya Bibiliya hasi. Nca ndiyumvira nti, "Neza, ubu ngira gusa…" Ng'uwo wa muyaga uraje uca uraYizingurura. Ivyo vyǎbāye incuro zitatu. Nca ndiyumvira nti: "Erega, yamara, ibi biratangaje."

Hanyuma rero igihe naríko ndahaguruka, naciye niyumvira nti: "Mwami, ni kubera iki Wanzǐngururiye iyi Bibiliya ngo nsome ivyo, jewe…igihe nashiká hepfo kuri ivyo, aho 'amahwa n'ibitovu, birí hafi gutabwa, iherezo ryavyo ari uguturirwa?" Ndiyumvira nti: "Kuki, Wanzǐngururiye ivyo ngaho?" Hanyuma igihe naríko ndâba hanze…

9 Rero, uku kwerekwa nyakuri kūza utabanje gushiramwo inguvu. Ni Imana gusa. Murabona? Narárāvye maze mbona isi iríko irazunguruka imbere yanje, kandi mbona ko yarí irímye yose. Hǎrihó umuntu yambaye izera, yagîye abíba ingano. Hanyuma amáze kugenda arêngēra ku mu zûnguruko w'isi; haca hāza umuntu, asa n'ubuyobe, yarí yambaye izirabura, kandi yaríko amijagira imbuto z'urwamfu hose kuri yo. Zompi

zimerera hamwe. Zímaze kumera, zompi zǎri zinyotewe, kuko zari zikeneye imvura. Kandi rumwe rwose rwǎsa n'uko ruríko rurasenga, rwûnamitse agatwe karwo gato, ruvuga ruti: “Mwami, rungika imvura, rungika imvura.” Maze vyâ bicu binini bica biraza, hanyuma imvura ica iragwa kuri zó zompi. Imáze kugwa, rwa rugano ruto rurasimba rutangura kuvuga ruti: “Umwami nAshimwe! Umwami nAshimwe!” Hanyuma rwa rwamfu ruto rurasimba neza na neza ku ruhande rumwe nyene, ruvuga ruti: “Umwami nAshimwe! Umwami nAshimwe!”

Ni ho rero iryo yerekwa ryǎsobānurwa. Imvura igwa ku babi n'abeza. Umwe Mpwemu nyene Arashobora kumanuka mu gikorane, kandi umwe wese akabinezerererwa: indyarya, Abakristo, bose hamwe. Neza vy'ukuri. Ariko ni iki? Bamenyekanira ku vyamwa vyabo. Murabona? Ni bwo buryo bwonyene bishobora kumenyekana.

Rero ubu ivyo murabibona, kuko sayiri y'inyeshamba, canke urugano rw'urunyeshamba n'urutete rimwe na rimwe rwigana urutete nyakuri, rw'ururimano, bigasa cane ku buryo vyōzimíje n'Abatoranijwe. Ndibaza ko tubayeho mu gihe gikwīyé, aho ibi bintu bitegerezwa kwigishwako no kuvugwako.

10 Nimurabe ku murongo wa 41, izo nyene zibiri zirasa cane, zirasa cane mu misi y'iherezo ku buryo Atǎkoze… NtiYokwishimikije ishengero kanaka mu kuzitandukanya, tuvuge nka Metodiste canke Batiste, canke Abapentekote, ngo Azitandukanye. Yavúze yuko “Azotuma abamarayika biWe kuzitandukanya.” Umumarayika aza kugira azane itandukana, ivangura hagati y'ikibi n'iciza. Kandi nta wundi Ashoboye gukora ivyo atari wâ Mumarayika w'Uhoraho. Ni We agiye kuzovuga iciza ico ari co n'ikibi ico ari co. Imana Yavúzeko Izorungika abamarayika baYo mu bihe vya nyuma. Si abamarayika bícīye *ngaha*, ariko abamarayika mu gihe ca nyuma, kandi bazotororokaniriza hamwe. Turazi rero ko ico ari ca gihe c'iyimbura kiriko kiraza. Rero, *umumarayika* mu vy'ukuri risigura “intwarabutumwa.” Tukaba tubona yuko hariho abamarayika ndwi ba ya mashengero ndwi, ubu rero… Oya, bícīye muri vya Bihe Ndwi vy'Ishengero.

Nimurabe abo Yavúze ko bǎri ababivyi abo ari bo, hanyuma kandi n'izo mbuto izo zari zo. Umwe, umubivyi yarí We, Umwana w'Imana, yagîye abíba Imbuto. Hanyuma umwansi aca aza inyuma yiWe, uwo nawe akaba yári wa Murwanizi, abiba imbuto y'ûmwâryāná, inyuma y'ibibwa ry'Imbuto nziza. Rero, bagenzi, ivyo vyǎmye biba muri buri gihe kuva isi ibaho. Vy'ukuri. Hose hose kuva mu ntângo, hǎtānguye ico kintu nyene.

11 Rero Yavúze Ati: “Imbuto y'Imana, Ijambo ry'Imana.” Yesu yavúze ahantu kanaka ko “Ijambo ari Imbuto.” Kandi urubuto rwose ruzorondoka nk'uko ubwoko bwarwo buri. Rero ubu nimba Abakristo, abana b'Imana, abana b'Ubwami ari bo bābāyé iyo Mbuto y'Imana, rero bategerezwa kuba Ijambo ry'Imana, Ijambo ry'Imana ryāgarágajwe mu gihe babāyémwo, kubw'Urubuto rwǎsēzeranywe rw'ico gihe. Imana yatânze Ijambo ryaYo mu ntângo, kandi buri gihe cǎgize imbuto yaco, umwanya waco, amasezerano yaco.

Rero, igihe Nowa yaséruka, na we yarí Imbuto y'Imana, Ijambo ry'Imana ku bw'ico gihe.

Igihe Mose yáza, ntiyari kuza azanye ubutumwa bwa Nowa, nta co bwǎri kumara, kuko yarí Urubuto rw'Imana muri ico gihe.

Hanyuma igihe Kristo na We yáza, ntiYarí kuza Azánye igihe ca Nowa canke ca Mose; cǎri igihe ciWe, c'aho inkumi isama inda ikavyara Umwana w'Umuhungu, kandi akaba yôbāye Mesiya.

12 Rero, twarabayeho mu gihe ca Luther, igihe ca Wesley (igihe c'Abametodiste), iy'epfo muri ivyo bihe vyǎrēngānye, be n'igihe c'Igipentekote, kandi buri gihe gihabwa isezerano ry'Ijambo. Kandi abantu b'ico gihe, bagarágaza iryo Jambo ryǎsēzeranywe, baba ari Imbuto y'ico gihe, bíjānye n'ivyo Yesu Yavúze aha nyene: “Ni abana b'Ubwami.” Uko ni ukuri. Ukwigaragaza kwa Mpwemu Yera Akora bícīye mu bana biWe ni bo Rubuto rw'Ubwami muri ico gihe.

Nimurabe, urwamfu ni rwo, wâ mwansi, Satani, yabíba ugucanamwo, canke i-canke imbuto y'ûmwâryāná, ni we yāgîrwa no kuba yárakóze ico kintu c'ubuyobe. Satani yabívye imbuto yiwe kuva mu ntango, ahó Imana Yashíra umusaruro waYo wa mbere w'ibiremwa muntu kw'isi. Adamu, ata nkeka, yari azi ko hariho u-ubumenyi bw'ukuri, n'ubwo kumenya ikibi n'iciza, ariko ntiyari bwigere abishikako.

13 Ariko tubona yuko, Imana yahâye abana baYo Ijambo ryaYo ngo ribabere Inkinzo. Intuze yabo…Nta yindi Nkinzo dufise atari Ijambo ry'Imana. Ni ryo Nkinzo yacu. Nta mabombe, nta bwihisho, nta ho kwinyegeza, nta hahari muri Arizona canke muri California, canke aho ari ho hose; hariho Inkinzo imwe gusa dufise, na yo ni Ijambo. Kandi Jambo yǐhāye umubiri abana natwe, akaba ari Kristo Yesu. Ni We Nkinzo yacu yonyene. Túri muri We, turi impore.

Uwizera nyakuri nta n'icaha aharurwako. Ivyo mwari mubizi? Uwavyawe n'Imana nta caha akora, ntashobora gucumura. Murabona? Ntikinamuharurwako. Erega, Dawidi yavúze ati: “Hahirwa umuntu Imana itazoharurako ivyaha vyiwe.” Iyo uri muri Kristo, ntacifuzo co gukora icaha ugira. “Uwusenga, amaze gutyororwa, nta gatima k'icaha aba agifise,” ntavyo wipfuza. Rero, imbere y'isi, urashobora kuba umunyavyaha; ariko, ku Mana, nturi we, kuko uri muri Kristo. Ni gute woba umunyavyaha mu gihe uri

muri Umwe Adakora icaha, kandi Imana Ikaba ibona gusa uWo urimwo?

14 Rero ni igihe c'isarura. Mu ntângo, igihe Imana Yabíba Urubuto rwaYo kw'isi Ikongera Ikarutānga mu mitima y'abana baYo, umuryango waYo, kuzigama iryo Jambo, ni yo yarí inkinzo yabo yonyene, kuzigama iryo Jambo! Ng'uwo wa mwansi araje aca akuraho ako karimbi, mu kubiba imbuto y'ûmwâryāná, inyuranye n'Ijambo ry'Imana. Nimba yári umwâryāná mu ntângo, ni ko ikiri. Ikizokwongerako ico ari co cose kw'Ijambo ry'Imana, iracari ya mbuto y' ûmwâryāná! Sinītâyého aho kiza kiva, nimba kívūye mw'idini, nimba kívūye mu vya gisirikare, nimba kívūye mu bubasha bwa politike, ikintu cose kinyuranye n'Ijambo ry'Imana, ni imbuto y'ûmwâryāná!

Iyo umuntu ahagurutse akavuga ko ari umuvuzi w'Ubutumwa Bwiza, hanyuma akavuga ngo "imisi y'ibitangaza yararenganye," iyo iba ari imbuto y' ûmwâryāná. Iyo umuntu ahagurutse akavuga ko ari umuvugabutumwa, umwungere w'ishengero ry'ahantu kanaka, hanyuma akaba atizera ko Yesu Kristo Ari Wa Wundi nyene muri buri gace (ukuyemwo wa mubiri uboneka), Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'Ibihe Vyose, iba ari imbuto y' ûmwâryāná. Iyo avuze ko, "ibitangaza n'igihe c'intumwa vyǎrēngānye," iyo iba ari imbuto y' ûmwâryāná. Iyo bavuga bati: "Nta kintu nk'ico co gukiza kw'Imana kibaho," iyo iba ari imbuto y'ûmwâryāná. Kandi isi ni zo yuzuye. Zirasegenyuka zigaca zinyoha ingano.

15 Turabona yuko umubivyi wa mbere w'iyo mbuto y' ûmwâryāná yǐswe "wa murwanizi," kandi turazi ko hǎri, mw'Itanguriro 1. Rero turabona, no ng'aha mu-mu Gitabu ca Matayo, ikigabane ca 13, ko Yesu acītá umwâryāná wose kw'Ijambo ryiwe ko ari "wa murwanizi." No muri uwu mwaka w'1956, ikintu cose kibiba umwâryāná, kinyuranye n'Ijambo ryāndítswe ry'Imana, canke kikaRiha insobanuro yaco bwite, ni imbuto y' ûmwâryāná. Imana ntIzogisonera. NtIshobora. Ntibizovangana. Vy'ukuri ntibizovangana. Ni nk'agatete ka sinapi ; ntikavangana n'ikindi kintu na kimwe, ntushobora kukavanga, gategerezwa kuba ikintu nyakuri. Imbuto y' ûmwâryāná!

16 Rero turabona, igihe Imana Yabíba Imbuto yaYo mw'itongo rya Edeni, turabona yuko yavûyémwo Abeli. Ariko igihe Satani yabiba imbuto yiwe y'ûmwâryāná, yavûyémwo Kayini. Imwe yavûyémwo umugororotsi ; iyindi yavûyémwo umunyakibi. Kubera Eva yǔmvirije ijambo ry' ûmwâryāná, rinyuranye n'Ijambo ry'Imana, bica bitanguza umuzunguruko w'umubumbe w'icaha aho nyene, wacîye uguma uzunguruka uhereye ubwo. Kandi ntituzigera tuwusohora hanze wose gushitsa abamarayika bâje bakavângūra ico kintu, Imana Igatwara abana baYo muri bwa Bwami, urwamfu na rwo rugaturirwa. Nimurabe iyo mizabibu ibiri.

Ese gusa iyo tuba dufise umwanya uhagije kuri kino cigwa, ariko reka duce ku masonga gusa, hanyuma duce tuja ubwo nyene mu gusengera abarwaye mu minota mikeyi ikurikira.

17 Nimurabe, imbuto zabo zǎkuriye hamwe nk'uko neza na neza Imana Yanábivuze no ngaha mu kigabane ca 13, c'igisomwa cacu kuri uno mugoroba, ca Matayo, "Nimureke bikurane." Rero, Kayini yacîye aja mu gihugu c'i Nodi, yironkera umugore, aramwabira ; Abeli na we yarí yǐshwe, hanyuma Imana Ihagurutsa Seti mu gishingo ciwe. Maze urunganwe rutangura gukûrwa n'urundi, hagati y'ikibi n'iciza. Rero, turabona ko bǎgīye hamwe, umw'umwe wese muri bo, igihe inyuma y'ikindi, kandi Imana Yatégerezwa ku…Rwǎragéze aho rumogorera ikibi cane gushika n'aho Imana Yatégerejwe kururandura.

Ariko zǎhavūye zîza kugera n'aho izo mbuto zompi, imbuto y' ûmwâryāná n'Imbuto y'Imana, zǎseruye imitwe yazo nyakuri, bikaba vyänēngesērereye neza muri Yuda Isikaryota no muri Yesu Kristo. Kuko, Yarí Urubuto rw'Imana, Yarí We ntango y'ivyaremwe n'Imana, nta kindi Yarí Ari atari Imana. Yuda Isikaryota na we yarí yavutse ari wa mwana wo kuranduka, yazánanye i kuzimu, asubira i kuzimu. Yesu Kristo Yarí Umwana w'Imana, Ijambo ry'Imana Ryāgarágajwe. Yuda Isikaryota, mu mwâryāná wiwe, yarí urubuto rw'umurwanizi, yáje mw'isi, ku bw'uruhendo; nk'uko nyene yǎmye mu ntango, Kayini, se wiwe wa mbere.

18 Yuda yǐgānye ishengero gusa. Ntiyarí imvugakuri namba, vy'ukuri nta kwizera yarí afise (ntiyarí kwigera ahemukira Yesu). Ariko, murabona, yabívye iyo mbuto y'ûmwâryāná. Yīyumvīra ko yarí gushobora gucudika n'isi, itunga, ngo yongere agire ubucuti na Yesu, ariko igihe cǎri camaze kurenga cane kuri we kugira ngo agire ico abikorako. Igihe ya saha ya nyuma yashíka, ahó akoreye ico kintu kibi, yajábutse umurongo utandukanya hagati yo kugenda imbere no gusubira inyuma. Yatégerejwe kubandanya inzira yarí yajanye, nk'umubeshi. Yabívye imbuto y' ûmwâryāná, yagérageje kubonwa neza n'ayo madini ahambaye y'ico gihe, n'Abafarisayo be n'Abasadukayo. Hanyuma yīyumvīra ko yarí kwironkera urufaranga, maze akaba rurangiranwa mu bantu. Nimba ivyo bidatuma abantu benshi binjira muri uwo mwâryāná, bágerageza kubonwa neza n'abantu! Reka tubonwe neza n'Imana, atari abantu. Ariko ico ni co Yuda yakóze aho iyo myâryāná yiseruriye muri we.

19 Kandi turazi ko Yesu yarí Ijambo, Yohana Mweranda 1 hǎvuze hati: "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kand'uwo Jambo yar'Imana. Kand'uwo Jambo yihaye umubiri, abana na twe." Rero, Ijambo ni Urubuto, maze urwo Rubuto rwihaye umubiri rubana natwe.

Nimba Yuda yari urubuto rwa wa mwansi n'ûmwâryāná, na rwo nyene rwǎrabâye umubiri ruba hagati yacu muri uwo muntu yitwa Yuda Isikaryota. Ntiyǐgeze agira ukwizera nyakwo, kw'ukuri. Yarí afise ico

*yĭyumvīra* ko ari ukwizera. Harihó ikintu nk'ico co kugira ukwizera ; n'ukwizera ko kwigira uwizera.

Kandi ukwizera nyakuri kw'Imana kwīzēra Imana, Imana naYo ni Ijambo, ntikwīgéra kwongerako na kimwe kuri Ryo. Bibiliya itubwira yuko nitwongerako n'ijambo na rimwe, canke tugakuraKo n'Ijambo na rimwe, umugabane wacu uzokurwa muri ca Gitabu c'Ubugingo, Ivyahishuriwe Yohana 22:18, ikigabane ca nyuma gihereza.

20 Ubwa mbere mw'Itanguriro, Igitabu ca mbere ca Bibiliya, Imana yabábwīye kutarenga kw'Ijambo na rimwe ry'Ico, "buri Jambo Ritegerezwa kuzigamwa," bătegerezwa kubeshwaho n'iryo Jambo. Yesu, hagati mu Gitabu, Araza Arabivuga mu gihe ciWe, Avuga Ati : "Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, arikw' atungwa n'Ijambo ryose ri-riva mu kanwa k'Imana." None mu gihe giheraheza c'Ivyahishuriwe Yohana, twărabwîwe imbere y'igihe, yuko "Uwuzokurako n'Ijambo na rimwe muri ico Gitabu, canke akongeraKo n'ijambo na rimwe kuri Co, umugabane wiwe uzokurwa muri ca Gitabu c'Ubugingo."

Ku bw'ivyo nta rwijiji rushobora kuhaba, ni Ijambo gusa ry'Imana nyakuri ritagoretswe! Abo ni abana b'Imana, abakobwa b'Imana, batăvyāwe ku bw'ubugombe bw'umuntu, canke ku bwo gukorana mu minwe, canke uburyo kanaka bw'umubatizo ; ariko băvūkiye muri Mpwemu w'Imana, bícīye kuri Mpwemu Yera, n'Ijambo Ryigaragaza bícīye muri bo. Urwo ni rwo Rubuto nyakuri rw'Imana!

21 Wâ mwansi ariyunga n'ishengero agacika umwizigirwa cane muri za nemera canke ikindi. Ariko ico si… Ico ni umwâryāná, ikintu cose cīvânga n'ubwo bwoko bw'Ukuri nyakuri kw'Ijambo ry'Imana. None tubimenya dute? Tuvuga ngo, "Neza, bó, mbega murafise uburenganzira bwo kuRisobanura?" Oya, mushingantahe! Nta muntu n'umwe afise uburenganzira bwo gusobanura Ijambo ry'Imana.

Ni Yó Yīsóbānura ubwaYo. Irabisezerana, hanyuma Ikabikora, iyo ni yo nsobanuro yavyo. Iyo YaRísēzeranye, IRarishitsa, iyo ni yo iba ari insobanuro yaRyo. Ikintu cose kinyuranye n'Ijambo ry'Imana ni umwâryāná! Nta nkeka!

Rero, nk'uko nabivúze, Yuda ntâ kwizera nyakuri yarí afise. Yarí afise ukwizera ko kwigira uwizera. Yarí afise u-ukwizera kwo kwibaza ko uwo yarí Umwana w'Imana, ariko ntíyarí azi ko yarí Umwana w'Imana. Ntiyarí gushobora kuba yarabikoze. Umuntu na we azokekeranya kuri rino Jambo ry'Imana ko ari Ukuri, afise ukwizera ko kwigira uwizera. Umukozi nyakuri w'Imana azokwumira kuri rino Jambo.

22 Mu majoro makeya aheze, umuvugabutumwa kanaka, wo muri Arizona, w'ishure rihambaye, rizwi cane hano mu gisagara, yarâje aho ndi avuga ati: "Nsha-nshaka kukugorōra ku kintu kanaka" (Nca mvuga…) "niwaronka akaryo."

Nca mvuga nti: "Aka ni ko karyo keza cane nzi. Ngwino hano."

Hanyuma rero aca araza, avuga ati, "Mushingantahe Branham, uriko ugerageza…ndizera ko uri umwizigirwa kandi ko uri imvugakuri, ariko uriko ugerageza kwinjiza mw'isi Inyigisho y'Intumwa."

Hanyuma avuga ati, "Igihe c'Intumwa căheranye n'Intumwa."

Nca mvuga nti, "Ikintu ca mbere nashaka kukubaza, mwene Data, mbega urizera ko buri Jambo ry'Imana ryăhūmētswe?"

Nawe ati, "Egome, mushingantahe, ndavyizera ata nkeka."

Nca mvuga nti: "None, wonyereka mw'Ijambo aho igihe c'Intumwa căheze? Ubu, nunyereke aho biri, nca nizera nkawe." Nca mvuga nti: "Wâ mwanditsi w'ivy'Intumwa, umwe yar'afise impfurunguzo z'Ubwami, kuri wâ munsi wa Pentekoti ahó igihe c'Intumwa cătānguzwa, băvuze bati, 'Bagabo bene Data, tugire dute ngo dukizwe?' Avuga ati, 'Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ari yo Mpwemu Yera, kuko isezerano ari iryanyu, n'iry'abana banyu, n'abari kure bose, uko igitigiri cabo kingana abazohamagarwa n'Umwami Imana yacu.' None, Ijambo Ryōkwīvuguruza Rite?"

Nya muntu acaavuga ati: "Ndafise ibicurane bibi muri rino joro."

Nca mvuga nti :"Na je ni ko ndavyiyumvira." Murabona?

Rero ubu nimumbarire, mbega Imana Iracahamagara? Nimba Imana Igihamagara, rero igihe c'Intumwa kiracariho. Ata nkeka! Uko igitigiri cabo kingana abo Umwami Imana yacu Azohamagara, Ahamágara, Azigera ahamagara, uko igitigiri cabo kingana abazohamagarwa na We, kizoguma ari igihe c'Intumwa, kuko Yesu Kristo Ari Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'Ibihe Vyose.

23 Rero, uyu musi turabona yuko uwo mwâryāná wabíbwe muri buri gihe. Iyaba vyashoboka kubibona mu minota cumi canke cumi n'itanu ikurikira, nari kubikora, ariko ntibishoboka. Kera muri ivyo bihe vyăheze…Twese turi, benshi muri twebwe twese barasoma Bibiliya. Rero ubu nka ca gihe Yesu Yaza, Yasânzého uwo mwâryāná, igihushane.Wé Yarí Ijambo Ryāgarágajwe, Yarí We nsobanuro y'Imana

y'Ijambo, kuko Yavuze Ati: "Nimusesangure Ivyanditswe, kuko muri Vyo ari ho mwiyumvira ko mufise Ubugingo Budashira kandi akaba ari vyo nyene biNshingira intahe." Ng'āhó rero. Wé-Wé ni We Yarí insobanuro y'Ijambo. Kandi buri muhungu canke umukobwa w'Imana yavûtse ubwa kabiri wa kino gihe ni insobanuro y'Ijambo. Muri ivyĕte vyāndítswe, bisomwá n'abantu bose. Egome.

Nimurabe, Yavúze Ati: "BaNsengera ubusa, kuko Inyigisho yabo ari umwâryāná. BaNsengera ubusa, kuko Inyigisho yabo ari umwâryāná, inyigisho y'abantu, za nemera z'abantu, bakigisha ivyo ko ari Ijambo ry'Imana, mu gihe ata ho bisa bisana n'Ijambo ry'Imana."

24 Nimurabe, buri gihe cǎvūyémwo imbuto nk'iyo, buri gihe cǎrabikóze, n'icacu nta cireguzo. Dufise nka ca kintu nyene, kandi ni co gihe gihambaye cavyo kurusha ibindi bihe vyose bíshizwe hamwe, kuko kino ari igihe c'iherezo ry'akahise k'isi. Uwu ni wo mwâryāná uhambaye cane wĭgeze kubaho kw'isi, uri kw'isi uyu musi. Umwâryāná mu bindi bihe wabákūye ku Mana Nzima y'ukuri, ubajana mu bigirwamana. Uyu munsi, Yesu Yavúze muri Matayo 24:24 yuko vyobaye vyegeranye cane gushika n'aho vyozimije n'Abatoranijwe ubwabo iyaba vyashoboka. Muvuga umwâryāná! Ôo, ni ivy'uruyeri cane. Satani ari hagati mu bantu, neza na neza nk'umunyatewolojiya, nk'Umwigisha w'ivy'Ubumana, arashobora kwigisha iryo Jambo hafi mu buryo butunganye. Yesu ni ko Yavúze. Ariko nimumwitegereze gusa, hazobaho ahantu kanaka. Wovuga uti: "Neza, rero, ntívyări ivy'ĭki." Ôo, egome, ni n'ívy'ĭki, na co, murabona, kuko Imana yavúze ko ari ko vyări.

25 Raba ico vyakóze. Iyo myâryāná nyene ni yo yazánye uburake bw'Imana mu minsi ya Nowa, igihe Imana Yarûngika umuvugishwa waYo akavuga Ubutumwa nk'umuriro waka, agahamagarira abantu kukwihana, máze umwâryāná na wo urasomeshwa nturi. Hanyuma Satani yacîye akora iki? Yacîye azanana inyuma, muri Hamu, máze yongera gutangura kuwubiba kandi. Uko ni ukuri kweruye.

Hanyuma hāza Mose, wâ muvugishwa ahambaye, ngo adugane abana b'Isirayeli abákūye mu bugaragwa. Ni igiki cǎbāye? Mose, uwo muvugishwa n'Imana ahambaye, abâzanira Ukuri ntabanduka, Ukuri kwagaragajwe. Yarí yarahuye n'Imana. Imana Yarémeje ko yarí yarahuye na Yo. N'ingene abo bantu hariya, abo baherezi, bări bafise amadini yabo, imihango yabo, imigirwa yabo n'ibindi vyose, ariko Mose yaráhagaze nk'igaragazwa ry'insobanuro y'Ijambo. Ivyo ntimuvyibagire! Mose yarí Insobanuro y'Imana y'isezerano ryaYo. Yavúze ko yobikoze; yarí insobanuro y'Imana.

26 Hǎbāye iki? Ishengero ryǎbāye rikiva muri Egiputa, rihagarara iminsi mikeyi, haca haba iki? Satani yacîye aza n' ûmwâryāná wiwe mu muntu, Kayini wa kabiri, ari we Balamu, aca ababibamwo umwâryāná. Turazi ko ivyo ari ukuri. Uwo Balamu, inyigisho ya Balamu, ngo "turi bamwe, dukorera ya Mana nyene namwe mukorera," ku vy'ifatiro, yarí mu kuri, kuko yashíkanye ikimazi Imana yatânze; impfizi z'intama ndwi, ibimasa ndwi ku bicaniro ndwi, akanasenga ya Mana nyene neza na neza mu buryo butunganye nk'uko Mose na we yabíkora epfo mu bugaragwa, neza na neza co kimwe. Ariko ntíbări bamwe! Bítwēreka igitutu c'ivyobaye. Hǎrabâyého, kandi, Kayini yĭgaragarije mu… mur'uwo muntu Balamu. Hǎrihó n'Imana Yĭgaragarije mu muntu Mose, isóbānura Amajambo yaYo bícīye mu kiremwa-muntu, Yîmenyēkanīsha ubwaYo, isezerano ryaYo, bícīye mu kiremwa-muntu. Hanyuma umwâryāná uca uraduka.

Ni na ko yakóze mu gihe ca Yuda, ng'uyo araje n' ûmwâryāná wiwe.

27 Kandi nimwibuke, ico caha co kuba abo bantu bârīzēye, ngo "twese turi bamwe, dusenga Imana Imwe, twategerezwa twese kuba ab'ishengero rimwe, twategerezwa kuba ihanga rimwe," ico caha Isirayeli ntíyĭgeze igiharirwa! Yesu, ubwiWe, Yavúze Ati, "Bose bărapfûye!"

Bǎrahónye, bose kiretse batatu muri bo, ni bo bâ bāndí bǎgumije bakīzēra isezerano. Igihe bâ banyábwōba bǎvuga bati: "Ntidushobora kwegukira ico gihugu, biraturengeye twebwe," n'ibindi, Kalebu na Yosuwa bāmira abantu, bavuga bati: "Turarengeye abashoboye kucegukira, kuko Imana Yakídusēzeraniye! Sinezwé uko ibiturwanya biri!"

Nǎtwe turacashobora kwigisha ugukiza kw'Imana, n'umubatizo wa Mpwemu Yera, turacanafise kandi ubushobozi bw'Imana bwo kudutandukanya n'ibintu vy'isi. Imana ni ko Yavúze! Igihe c'Intumwa ntícĭgeze gihera, kandi ntíkizôhéra, kirabāndānya.

Ku bw'ivyo, turabona wâ mubivyi nyene wa kera w'ûmwâryāná. Kandi nimwibuke, ico caha ntícĭgeze giharirwa. Rero, mwene Data, nimba kítĭgeze giharirwa ico gihe, ni gute uyu musi ahó yâ-yâ mbuto nyakuri y'ibihe vyose iriko irakoranira hamwe?

28 Nimwihweze ico kintu gihambaye Balamu yakóze, cǎrabândānije kirabāndānya, máze giteba gihereza mu kuza kwa-kwa Yuda Isikaryota, na Yesu. Vyări ibiki? Yuda na Yesu bări neza na neza ishusho ya Kayini na Abeli. Kuko, nk'uko Yuda yarí umunyedini, na Kayini nyene ni ko yarí umunyedini. Kayini yarûbatse igicaniro, aratânga ikimazi, arasēnga Imana, yabíkoranye umutima wiwe wose neza nk'uko uwo wundi yabíkoze. Ariko, murabona, ntiyarí afise impishuro y'ico Ijambo ryări ríri. Yĭyumvīriye ko Adamu na Eva bărīye amapome canke icamwa kanaka. Máze Kayini…Abeli, bícīye ku guhishurirwa, yarámenye ko ivyo bitări vyó, yarí amaraso yabásohoye, máze aca atanga umwagazi w'intama. Máze Imana Irêmeza ko

ishikanwa ryiwe ari ryiza. Máze agira ishari anagerageza kwica murumunawe. Kandi nk'uko yĭciye murumunawe kuri câ gicaniro nyene ikimazi ciwe căpfīráko, uwo mwagazi w'intama wapfîriye kuri nya gicaniro, ni ko na Yuda Isikaryota yahemukiriye Yesu ku gicaniro c'Imana, akanáMwĭca neza na neza nk'uko Kayini yĭshe Abeli. Kuko Kayini yarí yâ mbuto y'ûmwâryāná.

Uko ni ko na Balamu yarí ari, wâ muvugishwa w'umucangero, umuntu yatégerezwa kuba azi ibirengeye ivyo. Kandi Imana Yaramugabishije bícīye mu bimenyetso n'utwumiza, kugera n'aho indogoba ivuga mu ndimi zitamenyekana, ariko aguma agâgaje yîbāndāniriza kwa kundi nyene. Yarí yávūkiye kuba u-umubivyi w'ûmwâryāná.

29 Kandi nimba Yesu Yárabûye ko kino gihe cōheréje mu mwâryāná uhambaye cane kurusha ibindi vyĭgeze kubaho, igihe c'ishengero rya Lawodikiya, akazuyazi, ryăMushize hanze y'ishengero, ni gute coba ikindi kintu kîndi atári iki: Umwâryāná! Ata nkeka, ni wo. Uhereza muri ico gihe.

Yarí Kayini na Abeli kandi i Kaluvariyo.

Rero nimwihweze, nk'uko vyĭgeze kuba, Yesu akígīye, ája mw'Ijuru, Mpwemu Yera Yacîye Arungikwa. Iyo yarí yâ Mbuto, uwúha Ijambo ubugingo, nk'uko twăvuze ejo n'ijoro. Ni We agira Ijambo rizima. *Kugira kizima* bisigura "guha Ubugingo." Mpwemu Yera w'ukuri aha gusa Ubugingo Ijambo ari Ryo Ari. NtAzoha Ubugingo nêmera, ntAshobora, kuko ntaco Asana na nêmera. Wé ni Wé Bugingo bw'Ijambo ry'Imana, kuko Wé Ari Imana. Murabona? Kandi agira uwo Mubiri muzima.

30 Rero nimwihweze, nk'uko băkoze. Rero, Bibiliya nayo yavúze, kandi-kandi Yohana yabwiye abana biwe, avuga ati, "Bana bato, mwarumvise ivya anti-Kristo yategerezwa kuza mw'isi," avuga ati "akaba aza ari mw'isi, ariko akorera mu bana b'intabarirwa." Rero aho yarí nk'imyaka mirongo itatu inyuma y'ukuza kwa Mpwemu Yera. Turabona yuko, igihe Mpwemu Yera Yáza, rwâ Rubuto nyakuri, wâ Mutanga-Bugingo nyakuri wa rwâ Rubuto, ni ho rero uwo mwâryāná wáca wongera kwinjira. Kandi nimurabe, warabandanije. Wara…

Ijambo nyakuri ryări ryâshīngiwe intahe, abavugishwa ba kera bări barashingiye intahe Ijambo ry'Imana ko ari Ukuri igihe băsēzera isi. Ni haba hari umuntu yĭgeze gusoma ivya ya *Nama Nkuru y'i Nikeya*, canke ya *Nama Nkuru y'Imbere ya Nikeya*, iyo minsi cumi n'itanu ya politike yo gusesa amaraso, igihe uwo murwi w'Abaroma hariya epfo washâka kwinjiza no guhindura idini iryo shengero. Abavugishwa bărīnjiye, bâmbaye insato z'intama, bárya inyabutongo, baragwanira iryo Jambo! Ariko vyakóze iki? Vyategerezwa kuba nka Kayini, vyătegerezwa kuba nka Abeli, umwe yatégerezwa gupfa. Ata nkeka, yatégerezwa gupfa. Ijambo ryăcīye ritakaza akōsho kaRyo mu bantu, bose baca barânka Ijambo ry'ukuri, bīfatira imitegekere y' ûmwâryāná wa ryâ shengero Katolika rya mbere. Bongerako umupāpa, bongerako umusenyeri, bongerako *ibi*, *birya*, na *biriya*. Bărakûyého insiguro nyakuri ya Petero, n'iya-ya-ya Mariya, n'i-n'ibindi vyose bisigaye; hanyuma bagira ibigirwamana, ntibāba bagize ikindi atari gusa ibirori vy'igipagani bivūyé mu co bise idini Gikristo. Vyări ibiki? Imbuto y'ûmwâryāná! Baca baratunganya, baratunganya, ubwa mbere kw'isi, ishengero. Vyări ibiki? Iyo mbuto y'ûmwâryāná yatânguye kubibwa, ikintu kanaka côngerwáko, gíkūrwáko.

31 Ni nde yĭgeze yumva, muri Bibiliya, ivyó kutarya inyama ku wa Gatanu mweranda? Ni nde yĭgeze yumva, muri Bibiliya, ivyó kumījīra utuzi aho kubatiza, kwibiza? Ni nde yĭgeze yumva ivyo bintu, za "Mwaramutse, Mariya" canke ibindi nk'ivyo? Ni nde yĭgeze yumva ubwo bupfu bubi bw'aba ba Porotestanti, nabo nyene? Inkono ntiyotwenga ibirika ngo rifise umuvyiro. Vy'ukuri! Neza, uwăgīrwa na gito co hanyuma y'ibindi aba yâgīrwa na vyose! Ni nde yĭgeze yumva Imana Ikorera mw'idini? Nyereka igihe na kimwe aho rimwe ryĭgeze ryîtūngānya hānyuma rikaguma ari rizima. Băcīye bapfa ubwo nyene, kandi ntíbĭgeze básubira kuvyuka! Harageze yuko habá ikintu kiba, harageze yuko Imana Ikora. Ryărīshe akōsho mu bantu.

Ni nk'ico nyene cākozwé uyu munsi. Bīca akōsho, bavuga bati: "Ôo, uwo murwi w'aberanda bivumbagaza, nta na kimwe bafise." None, erega, ni umwâryāná! Hūra n'Ijambo imbona nkubone uheze ubone ico ari Co, ubone nimba Imana Isobanura Ijambo ryaYo Bwite. Imana Irashoboye kuvyura mw'aya mabuye abanaba Aburahamu. Amen.

32 Ijambo ryărashîngiwe intahe mu buryo bushitse n'ăbo Bakristo ba mbere, ingene Imana Yabárokoye mu bintu vyose, n'indwara, kandi bări bafise abavugishwa, băravúga mu ndimi, bagasobanura, bakanátānga ubutumwa bwăma bugaragara ko ari ukuri neza na neza buri gihe. Ariko imbere y'iryo Jambo rishingiwe intahe ryose, abantu băraryănse, bihitiramwo idini. Ni ryo nyina w'amadini yose.

Zompi zirêze neza ubu. Zătānguye kwŏngera kuyangika. Rwărapfûye, ariko rwŏngeye kumera mu minsi ya Luther, nk'uko tubizi muri bwa butumwa buheruka ngaha muri ca gitondo c'akavunamusase. Rwămeze mu gihe ca Luther. None băcīye bakora iki?Ubwo nyene uwo muntu ahambaye amáze gupfa, băcīye bagira idini.

Rwăraméze. Hanyuma ubugira kandi mu minsi ya John Wesley, igihe abo ba Angilikana, na bimwe

vy'umutekano w'Ibihe bidashira vyabo vyose n'ibindi vyose vyări vyacihambiriyeko kugeza aho vyări hafi gukwira hose, none ni igiki căbāye? Imana Yacîye Ihagurutsa umugabo yitwa John Wesley, aca ahomvagura ivyo bintu vyose. Ubwo nyene akimaze gupfa, we be na Asbury n'abo bandi, hăcīye haba iki? Băcīye bitunganiriza amadini, none ubu dufise ubwoko bwose bw'Abametodiste. Hanyuma hāza umwe canke uwundi, Alexander Campbell, JohnSmith, n'abandi.

33 Mu mperuka, haseruka Pentekote, ivûye muri ivyo vyose. Ni igiki căcīye kiba none? Bărasíganywe neza, none ni igiki căbazibiye ? Mwăcīye mwisubirira ubudakebuka muri vyâ vyondo nyene mwăvūyémwo, musubira muri bimwe mwădahwa nyene, musubira mu mwârȳāná no kugira amadini, vyăbasavye kugira imwumvikano kw'Ijambo. Kandi igihe cose Imana Yába Irungitse ikintu gishasha, ntimwăshobora kucakira. Uko ni ukuri! Umwârȳāná kandi! Kandi nimurabe, nk'uko navúze ejo bundi, ako gashishwa gato ka mbere kăvūye kuri uwo muzi, karakuze kaba amababi hanyuma kaba umuyange, hanyuma gasubira kuba agatumbatumba, hanyuma karaseruka. Ako gashishwa nk'urugano gasá hafi n'urutete nyezina, twĭyumvīriye ko rwări rwo, ariko ukûguruye, nta rutete ruba rurimwo na mba. Ni agafasha urutete gusa ngo rukuriremwo, na ko nyene karapfá, ubugingo na bwo bukagasohokamwo ubutarariye bukaja mu rutete. Nimurabe, rero ivyo bīta amashengero ivyo yabívye…

34 Uyu munsi dusanga yuko ivyo twītá amashengero vyacu, mbere n'Abapentekote bacu, twărasóhotse, ntitwări dushoboye guhazwa, vyădusavye kugira imigwi yacu bwite. Ikintu cose cărāje, twătegerezwa kugira iki, twătegerezwa kugira na kino, twătegerezwa kugira uwundi mugwi. Umuntu umwe agahaguruka, akavuga ati : "Azoza ari ku gicu cera." Uwundi akavuga ati : "Uh-huh, Azoza kw'ifarasi yera." "Aho, duca tugira imigwi ibiri." Murabona, ivyo ari vyo? Kubiba umwârȳāná! Aho Azozira, uko biri kose, Azokwisobanurira Ijambo ryiWe Bwite niYaza. Reka turindire kugera ico gihe. Fata i…Túvuze kur'ivyo, ntunaronka n'Ubutumwa bw'Igihe. Guhanga amaso iminsi yose ku vy'Imana Igiye gukora, canke ivyo Yakóze, ukayoberwa ivyo Iríko Irakora. Ubwo ni bwo buryo turonka imyârȳāná muri vyo.

35 Rero turabona yuko uyu munsi amashengero yacu, amashengero yacu yose - yose yabivyé umuyaga, none ariko yimbura igihuhusi. Nta bikorane vy'amasengesho dufise, nta bikorane dufise nk'ivyo twăhorana. Ni ingorane ki ? Twăruguruye imiryângo ico ari co cose. Nimurabe, n'ayo mashengero yacu y'Igipentekote, yūzúyemwó abagore bămōye imishatsi yabo. Ntivyăhora birekuwe. Mu maso haravyé amarangi, gusiga amarangi ku nzara, ubwoko bwose bw'ibintu vy'urudubi; ugasanga umugabo ng'aha n'i… nk'utugabogabo n'ibindi; bărōngoye gatatu canke kane, bakaba ari abadiyakoni; ôo, mbega umwârȳāná! Birashisha! Ivyo babikora bate? Imana ntiYovyemerera mw'Ishengero ryaYo, bategerezwa kuja mw'idini kubigirirayo. Umuntu kanaka afise ubwoba bwo kugira ico abivuzeko, kuko boca birukanwa mw'idini. Mana, nuduhe abantu badafatanye n'ikindi kintu na kimwe atari Imana n'Ijambo ryaYo, bazovuga Ukuri kuri vyo. Ico ni co dukeneye neza na neza. Twăkoze iki? Twăbivye umwârȳāná. Twăbivye umuyaga, none ubu turiko turimbura igihuhusi.

36 Nimubone yuko baríko baratororokanirizwa hamwe ubu ngo baturirwe. Mbega mwabibonye, Yesu Yavúze Ati: "Ubwa mbere, nimurutororokanye, muruhambire imikama, hanyuma mushire iyo mikama yose mu kirundo kimwe, mpeze Ndaruturire." Hariho agakama kitwa Metodiste, Batiste, Peresipiteriyano, Abaluteri, bose barikó barakoranira hamwe muri ya Nama Mpuzamashengero y'Isi yose. Ni ibiki ? "Mubanze murutororokanye!" Haleluya ! Mbega mwabibonye, Abanza gukoranya urwamfu ubwa mbere, akarukura mu ngano, akabitandukanya, "Murutororokanirize hamwe muruturire." Bazoturirwa bose n'imanza z'Imana, kubwo kuba barabivye umwârȳāná mu bantu, ibintu ba… Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bwakwo, bahakana Ijambo, bakifatira gusa imigirwa kanaka y'idini, y'imitegekere kanaka umuntu kanaka yinjijemwo, agérageza kubishira mw'Ijambo ry'Imana. Ntibikunda. Ni umwârȳāná.

37 Ndasemerera uyu munsi, nk'uko vyări biri, kuri wa muvugishwa ahambaye wa kera cane, Amosi, igihe yamánuka muri ico gisagara, akavuga ati : "Jewe sindi umuvugishwa, canke ngo mbe n'umwana w'umuvugishwa. Ariko intāmbwe yivuze, ni nde atotinya?" Yavuze ati: "Imana ivuze, ni nde atovugishwa?" Yarábūye gucirwako iteka k'urwo runganwe, avuga ati: "Iyo Mana nyene muvuga ko mukorera ni Yo Izobarandura."

Shīngura ibi, biri kuri bănde, kandi mwibuke. Iyo Mana nyene mu… Aba bantu rero baríko bêgeranya uwo musaruro wose munini uhambaye w'I - w'Inama Mpuzamashengero y'Isi yose, kandi mugīye gutegerezwa kuyijamwo. Ntimushoboye kuguma hanze yayo. Mwo kimwe muzoyisohokamwo umw'umwe ku gatwe kiwe, canke na ho muyinjiremwo. Nta ruhagararo rwo hagati na hagati ruzobaho. Kizoba ari ca kimenyetso ca ca gikoko. Nta washobora kugura canke ngo agurishe, atari ufise ico kimenyetso, canke afise wâ mwârȳāná. Rero, nimugume hanze yavyo! Nimubisohokemwo! Nimubihunge! Nimubije kure! Ya Mana nyene bavuga ko bariko barakorera Izobarandura. Ya Mana Ihambaye y'urukundo Itazo…

Bavuga bati: "Neza, Yesu Yasênze yuko twese dutegerezwa kuba umwe."

38 Kandi vyongeye Yavúze Ati: "Mbega mwofatanya urugendo gute, abantu babiri bofatanya urugendo bate, bataraganye?" Yavúze Ati "umwe," nk'uko We na Data Ari Umwe. Kandi Data Yarí Ijambo, Yarí

Ijambo ryāgarágajwe. Yarí "Umwe" na Data, kuko Yarí igaragazwa ry'Ijambo ry'Imana ryăsēzeranywe. Kandi uko ni ko biri n'uyu munsi, canke igihe kindi cose. Egome, mushingantahe. Iyo Mana ni Imwe. Ishaka ko natwe tuba umwe.

Vyōshoboka gute ko *ibi* biba bimwe, *uyu* ahákana ukuvuka bícīye ku nkumi, *uyu* na we ntabihakane, agahakana ugukiza kw'Imana, n'*uyu*, *urya*, bose hamwe mu rudubi nk'urwo? Bamwe muri bo ntibanizera Imana, ntibizera ko Yarí Umwana w'Imana; bīzēra ko yarí umwana wa Yosefu, *Yĭswe* Umwana w'Imana. Vy'ukuri. Ihasa rivukana b'Abaluteri, Abazwingili, ni vyo bizera, yuko Yarí Umuntu mwiza gusa. Ryâ dini ry'Ubumenyi Gikristo ryăvuze ko Wé Yarí Umuvugishwa, Umuntu asanzwe gusa, ko Atari Imana. Erega, nimba Atäri Imana, Yoba Ari We mubeshi w'agahebuza mu bo isi yĭgeze kumenya. Yarí Imana atari uko na ho nta co Yarí Ari. Yarí Imana! Yarí Ubumana, ubwiWe, Yagizwé umubiri hagati yacu, mu Muperesona w'Umwana w'Imana. Ata nkeka, ico ni co Yári Ari.

39 Rero turabona ko umwâryānâ wĭnjiye. Turazi ko biri hano, nta n'umwe yobihakana. Ôo, bagenzi! Nimurabe gusa. Izorandura uwo mugwi uvuga ko bariko bakorera Imana. Nimuvyitegereze.

Imana Yarátēragiye Urubuto rwaYo. Ndikó ndarangiza, kuko hagezé gutangura umurongo w'amasengesho. Imana Yarátēragiye Urubuto rwaYo, kandi Urubuto rwaYo ni Kristo. Ngīye kuzovyigishako mu minsi mikeyi, aho Imana Yahísemwó gushira Izina ryaYo, Umwami niYabishaka, kumbure mu gihe ca kamwe mu tuvunamusase aho mba mfise akandi kanya kiyongereye. Nimurabe, ni We Nzira yonyene yo guhunga. Ni We Mutware wenyene w'ukuri. Ni We Mana yonyene y'ukuri, nta yindi iri haruhande yiWe. Yavuze Ati: "Ndi Imana, Imana Imwe rudende." Yesu Yavúze Ati: "Iri niryo bwirizwa: Ewe Isirayeli niwumve, Nd'Uhoraho Imana Yawe, Imana imwe Nsa. Ndi Yo. Kubera iki murondera iyindi? Uwundi azoza… Jewe Náje mw'Izina rya Data, Ariko ntíMwănyakiriye. Ariko uwundi ni yaza mw'izina ryiwe bwite, wé muzomwakira." Kandi bărabikóze i Nikeya.

"Mbega uri Umukristo?"

"Ndi Umubatiste."

"Mbega uri Umukristo?"

"Ndi Umupentekote."

"Mbega uri Umukristo?"

"Ndi Umumetodiste," irindi zina.

40 Ariko hágeze kuri iryo Zina rya "Yesu Kristo," baRica kure neza uko bashoboye, nta na kimwe bashaka kuRikoza namba, kuko We Ari Ijambo kandi Ijambo rikaba ryivugira Ryonyene. Nimurabe, Inzira yonyene yo guhunga! Ni we rya Shurwe ry'i Sharoni, Bibiliya yavúze ko We Ari ryo. Buri tazirano (muri Bibiliya) ry'Imana ni irya Yesu Kristo. Yarí Alufa, Omega, Itanguriro n'Iherezo; Uwamyeho, Uwuriho, kandi Agira Aze; Igishitsi n'Umunago wa Dawidi, vyompi Igishitsi n'Umunago vya Dawidi; Ikinyenyeri co mu Gaturuturu, Ishurwe ry'i Sharoni, Ikirungu co mu Biyaya, Alufa, Omega, Data, Mwana, Mpwemu Yera, vyose muri Yesu Kristo! Yarí ukugaragazwa kunengesereye kwa Yehova Imana Yĭhāye umubiri ngo Ibane natwe. Ico ni co Yarí Ari neza na neza.

Yarí rya Shurwe ry'i Sharoni. Mbega iryo Shurwe ry'i Sharoni bărigize bate? Băraríkâmūye, bararíjānjagura, ngo baRikuremwo ibimota neza. Ishurwe ryiza ritegerezwa gukâmūrwa ngo rivemwo ibimota neza. Kandi ubwo bwări Ubugingo bwiza, nta bugingo bubaweho nk'Ubwo bwari bwigere bubaho, ariko Bwătegerezwa gukâmūrwa hariya i Kaluvariyo.

41 Murabona, băfata a-amavuta y'iryo Shurwe ry'i Sharoni bakayasuka kuri Aroni, yatégerezwa kuba asizwe na yo kugira ngo aje imbere y'Uhoraho, ahera, mw'Ihema ryera. Yatégerezwa kuba asizwe amavuta y'iryo Shurwe ry'i Sharoni, kugira ngo aje kumija amaraso ya ntebe y'ubuntu buri mwaka. Kandi iryo sigwa ritegerezwa kuba kuri we, ibimota neza imbere y'Uhoraho, ajânye amaraso y'umwagazi w'intama imbere ziwe, amáze na we nyene kumijagirwa na nya mwagazi w'intama. Amakomamanga n'amayugi bíkīkije imyambaro yiwe, yatégerezwa gutambuka ukuntu kanaka, bírirīmba biti: "ukwera, ukwera, ukwera k' Uhoraho."

42 Nimwitegereze, ni We iryo Shurwe ry'i Sharoni, ubwo Bumote bwiza, isīgwa ku bantu biWe. Ntushobora kuza imbere yiWe na nêmera iyo ari yo yose, n'ikindi ico ari co cose, kiretse usîzwe n'amavuta y'iryo Shurwe ry'i Sharoni, Ijambo. Ni na We Kirungu co mu Biyaya.

Rero, mbega ikiyayura-mutwe ukironka gute? Urōnka ikiyayura-mutweiyo ufashe Ikirungu co mu Biyaya ukagíkāmūra, uca uronka ikiyayura-mutwe. Abagānga baragikoresha muri za nzu z'ubushakashatsi zabo. Fate umugabo w'umunyamwikomo abuzé amahoro, canke umugore, yumva ko umengo agira asaré, aríko agendagenda mu ntangaro akóma induru, imitsi yânāngiriye, umugānga aca afata akayayura-mutwe kiwe gakeyi k'ikirungu agaca akamutera mu kuboko kwiwe canke mu mutsi ahantu kanaka, canke kw'uwo

mugabo, bagaca batekereza. Bica bihera mu kanya gato. Ariko ico kiyayura-mutwe gípfūye guhera gusa, ngabo baca baza kandi, bâbāye babi kurusha uko bĭgeze kuba.

43 Ariko ndababarira, bagenzi, ico n'ikigereranyo gusa c'Ikiyayura-mutwe nyakuri kiva muri ca Kirungu co mu Biyaya nzi. Ni We ca Kirungu co mu Biyaya. Yarákāmūwe hariya i Kaluvariyo. Yacúmitiwe ivyacu bicumuro, imishishagu yiWe niyo idukiza. Muri ukwo, ukwo gukâmūrwa kw'amashurwe, Yari Ishurwe. Yarí We Shurwe rihambaye ryĭgeze kumera, Yarí ico Kirungu co mu Biyaya, n'iryo Shurwe rihambaye ry'i Sharoni. Rero Arēnēna kuri uno mugoroba, amanitswe hagati y'Ijuru n'isi, Yarí Amanitswe ico gihe, nako, ngo-ngo Akureho icaha c'isi yongere Agarukane ugukira kw'isi. Bibiliya na yo yavúze yuko Ari Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose.

44 Mugenzi, igihe Imana Yabarira Mose, mu bugaragwa, kikaba cäri i - ikigereranyo ciWe, ngo amanike inzoka y'umuringa. Umuringa na wo werekana icaha giciriweko iteka, iyo nzoka yerekana, *nya nzoka y'umuringa* yerekana "icaha camaze gucirwako iteka." Nk'uko, *umuringa* ari "urubanza rw'Imana," nka ca gicaniro c'umuringa ahăshirwa ibimazi. Eliya na we yarárāvye hejuru hanyuma avuga ko ijuru ryăsa n'umuringa, urubanza rw'Imana kw'ihanga ry'abatizera ryări ryasubiye inyuma rikava ku Mana. Umuringa wērekana urubanza, urubanza rw'Imana. Iyo nzoka na yo yĕrekana icaha cāmazé gucirwako iteka; Yesu na We Akaba Yári iyo nzoka yagízwe icaha ku bwacu, Yīshiráko urubanza rw'Imana. Yacúmitiwe ivyacu bicumuro, Yajânjaguriwe ivyacu bigabitanyo, igihano kituronkesha amahoro căbāye kuri We, kandi imishishagu yiWe ni yo idukiza.

Ôo, Imana Irafise ububiko bwaYo bwuzuye Ikiyayura-mutwe, kuri uno mugoroba, ku bwanyu. Mugenzi Mukristo, urarwaye kandi urababaye. Ôo, urarushe, biragukomereye cane. Ntushoboye kubandanya uvyihanganiye, uzo-uzota umutwe muri kino gihe ca none tubayemwo.

45 Mbega mwumvise *Life Line* [Ikinyamakuru] kuri uno mugoroba, yuko ivyo băvuze, yuko-yuko Uburusiya buvuga ko, mu '55, yuko "bazoshobora kugenzura isi yose neza"? Imbere yuko ivyo bishika, Izamurwa ritegerezwa kuza. Ku bw'ivyo ryegereje ukungana gute, ga mugenzi? Biri āha nyéne biregereje cane. Mbega ntiwoMurondeza umutima wawe wose kuri uno mugoroba? Ni We ca Kirungu co mu Biyaya, kandi ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose. Ari hano kuri uno mugoroba ngo Yishire hejuru mu bantu biWe, neza na neza nk'uko Mose yamánitse ca-ca kimenyetso c'icaha, cācīríwekó iteka. Kandi atari icaha gusa, ariko n'indwara nazo. Nimwibuke, Yesu Yavúze Ati: "Nk'uko Mose yamánitse inzoka y'umuringa, ni ko n'Umwana w'Umuntu Ategerezwa kumanikwa." None Mose yayímanikiye iki? Ku bw'icaha, ukutizera, no ku bw'indwara. Yesu na We nyene Yamánitswe, ku bw'icaha, indwara, be n'ukutizera. Yarí ca kintu nyene.

46 Rero, kuri uno mugoroba, mu minsi y'aho dufise uyu mwâryāná uhambaye, Yesu Kristo Yarásēzeranye muri Luka, yuko mu minsi ya…imbere ya kwa Kuza kw'Umwami, vyōbāyé nk'uko vyări biri mu minsi y'i Sodomu, n'igihe Umwana w'Umuntu YōKwīhíshūye, nk'uko Umwana w'Umuntu YĭHishūriye Aburahamu hariya epfo; Elohimu, Imana, Yīhâye umubiri hagati y'abantu, Ikagumana ng'aho na Aburahamu Imwêreka, Ikamúbwīra ivyo Sara yaríko ariyumvira (yîcaye inyuma yaYo) mw'ihema, Atări bwigere Abona. Amubwīra ivyo ya…Kandi amuhamagara izina ryiwe, "Sara." "Aburahamu," atarí rya-rya zina ryiwe Aburamu, yatângurana, ariko Aburahamu. Atarí Sarayi, S-a-r-a-y-i; ariko S-a-r-a, "Sara umugore wawe ari hehe?"

Avuga ati: "Ari mw'ihema inyuma yaWe."

Avuga Ati: "Nzokugendera mu gihe c'ubuzima." Sara aca aratwenga. Aca Avuga Ati: "N'igiki gitumye atwenga?"

Rero, Yesu Yavúze Ati: "Neza na neza imbere yuko uwo mwâryāná uhambaye ukoranirizwa hamwe ugaturirwa, yuko Umwana w'Umuntu AzoKwihishura muri ubwo buryo nyene nk'uko Yīhishūye ico gihe." Kandi ico ni… Ni ibiki? Ni ishirwa hejuru, bushasha, imbere yanyu, yuko Yesu Kristo Ari Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose. Mbega muravyizera? Reka rero twunamike imitwe yacu kubw'amasengesho.

47 Mana Mukundwa, turaGukunda. Ijambo ryaWe ni Imfunguro ihagije cane-cane kuri twebwe, Mwami. TuraRikunda pe! Tubeshejweho na rYo, Mwami. Biboneka yuko ubushobozi bwacu butigera butosha. Turîkūndira gusa kwicara ku meza yaWe, dúkīkūje Ijambo ryaWe, no kunezerererwa imihezagiro, Mwami, iyo dukoraniye hamwe nk'uku, bene Data na bashiki bacu băcūngujwe Amaraso n'Umwana w'Imana, băguzwe Amaraso yaWe. None tuje hano kuri uno mugoroba, Mwami, twāhariye ano majoro ugusengera abarwaye. Kandi twîsūnze Ivyanditswe, Wavúze yuko "ku bw'imishishagu twăkize. "Ntibikenewe rero gusenga (twature gusa ivyaha vyacu), kuko ku bw'Imishishagu yaWe twăra- (umwanya wa kăhise)-kize. Ôo, mbega umunsi w'agakiza! Mbega i-mbega isezerano rya Emmanueli! Uko ni Ukuri ntabanduka. Wavúze Uti: "Hasigaye igihe gito ab'isi ntibabe bakiMbona, ariko mweho muzoMbona, kuko Jewe" (insigarirazina muvugwa "Jewe") "Nzobana namwe, mbere no muri mwebwe, gushika ku muhero w'isi." Kandi kw'iherezo ry'igihe, iryo herezo rya vyose rihambaye, Wavúze ko, imbere yuko rishika, bizôbá bimeze nk'imbere yuko umuriro utibuka i Sodomu ukayigiza isi y'Abanyamahanga, yuko hōkōngéye kuza kandi uguhishurwa kwa wa Mwana w'Umuntu neza na neza nk'uko vyăbāye i Sodomu. Data, ese abantu bitobacika.

48 Kandi ndasēnze, Mana, nk'umuntu muto ataco ari, (nimba navuze nabi, nUmbabarire), ariko agerageza gushitura. Ndabakunda, Mwami. Nda-ndasavye ko bitobacika. Reka iri ribe rimwe mu majoro ahambaye, Mwami. Ese buri murwayi, uwubabajwe, impumyi, ico ari co cose hano, Mwami bōkirá kuri uno mugoroba. Ese buri munyavyaha yōkizwá. Ubu rero mu mitima yabo, nimba ari abatizera, reka bemere Kristo muri kano kanya. Biduhe, Data. Vyose biri mu biganza vyaWe. TuraKwihereje, ngo tuKubone Uza hagati yacu.

Kandi Wavúze, muri Yohana Mweranda 14:12 Uti: "UNyizera, ibikorwa Jewe nkora na we azobikora." Ukuntu tuzi ko Wĩmenyēkanīshije ku bantu, kuko Warí wa Muvugishwa Mose yarí yáravúze ko yohagurutse. Bămaze imyaka amajana bátagirá abavugishwa, umwâryāná wari hose, ariko n'aho biri uko Ijambo ry'Imana ryătegerezwa gushika; ku bw'ivyo Ijambo ryăcītse umubiri, co kimwe na wa mwâryāná nyene. Kandi, Data, turabibona kandi n'uyu munsi, wa mwâryāná ucîka umukama munini uhambaye; tukanábona n'Ijambo Rîza muri ubwo buryo nyene. Duhezagire kuri uno mugoroba, Data. TuraKwihereje, hamwe n'Ijambo ryaWe. Ico Ushaka ko dukora cose, kidukoreshe, Mwami. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

49 [Mushiki wacu umwe avuze mu rundi rurimi. Agace katavuga kuri bănde - Umw.] Ni mube mu kwubaha cane. Ntituzi ico Yavuzé. Arashobora kuba Ashaka kutubwira ikintu kanaka, ku bw'ivyo ni mube mu kwubaha akanya gato. [Agace katavuga kuri bănde. Mwene Data umwe aciye atanga insobanuro - Umw.] Amen.

Muramaze gusoma [Agaceka tavuga kuri bănde -Umw.] Icanditswe aho umwansi yári ăje, bakaba bose bări bakoraniye hamwe, hanyuma baka…umwansi zări ingabo nyinshi. Hanyuma Mpwemu w'Imana Aza ku muntu akabushungwe, aramubarira, aravugishwa, avuga aho kuja kubîbûndira, babona gutikiza umwansi wabo. Ng'ivyo biragarutse kandi. Ng'āhó ahantu ho gutikiriza umwansi, murabona, fate ukuboko kw'Imana. Ukuboko kw'Imana ni Kristo, ata nkeka, Ijambo, ku bw'ivyo nimuGufate mu mitima yanyu kuri uno mugoroba igihe turiko tugira umurongo w'amasengesho.

50 Ndibaza ko Billy yatānzé amakarata y'amasengesho n'uno munsi. B, abā B, reka dufate B, mirongo umunani na zitanu. Mw'ijoro riheze, twāfashe cumi na batanu mw'ijoro riheze. Mu bisanzwe tugerageza gufata nka cumi na batanu buri joro. Rero nimufate amakarata yanyu, tuyajeko rero, ubu. Reka tugerageze nka cumi na zitanu. Mirongo umunani na gatanu. B, nka Branham, murabizi. B, mirongo umunani na gatanu gushika kw'ijana. Hanyuma tu…Reka turabe, ni nde afise B, mirongo umunani na gatanu, kiriza ukuboko kwawe. Ni vyo ?…Ôo, hariya inyuma, ni neza, mirongo umunani na gatanu ngwino.

Rero, umuhungu wanje… Birashoboka ko hoba hariho abashitsi hano, bakaba batazi ingene ibi vyākozwé. Umuhungu wanje arāza hano, canke umuntu kanaka; iyo adashoboye kuza, mwene Data Borders, canke uwundi muntu kanaka. Umuntu kanaka arāza, agafata aya makarata, ijana, ahágaze imbere y'abantu agaca azicangacanganya. Kubw'ivyo rero araguha ikarata, ntashobora kukubwira ko uza kuduga aha hakirurutse, ivyo nta vyo azi. Na jewe nyene nta vyo nzi. Nca nza mw'ijoro, ngahamagara gusa nka cumi canke cumi na zitanu, ahantu kanaka ng'aho, muri izo karata. Ivyo nta co bisa bisana n'ugukira kwanyu. Murashobora kwiyicarira ng'aho. Nimurabe,mw'ijoro riheze. Ni bangahe bări ngaha mw'ijoro riheze, reka tubone amaboko yanyu? Wōboná ukuntu abantu băkize gusa hose mu gikorane!

51 Rero, iyo yari mirongo umunani na gatanu, mirongo umunani na gatandatu, mirongo umunani n'indwi, mirongo umunani n'umunani, mirongo umunani n'icenda, mirongo icenda. Abo ni baze ubu nyene. B, mirongo umunani na gatanu, mirongo umunani na gatandatu, mirongo umunani n'indwi, mirongo umunani n'umunani, mirongo umunani n'icenda, mirongo icenda. Uyu yari kuba umwe…Ego cane, dukeneye…Nimba umuntu kanaka a… Ng'uyu uwundi, egome, bica bimera neza. Mirongo icenda, mirongo icenda kugeza kw'ijana ubu. Mirongo icenda, mirongo icenda na rimwe, mirongo icenda na kabiri, mirongo icenda na gatatu, mirongo icenda na kane, mirongo icenda na gatanu, mirongo icenda na gatandatu, mirongo icenda n'indwi, mirongo icenda n'umunani, n'icenda.

Nimba mudashoboye kwegereza, nimba uri…Ndabona turafise bakeyi, intebe zitatu z'ibimuga ubu hano, zine, ndibaza, ni zo mbona. Nimba ufise ikarata y'amasengesho, ikaba-ikaba ari inomero yawe ihamágawe, ukaba udashobora kwegereza, ca ukiriza ukuboko kwawe, turagusunika gushika hano.

52 Nimba ata karata y'amasengesho ufise na ho, guma wicaye aho gusa usenge, uvuge uti, "Mwami Yesu, re-re-reka abe jewe kuri uno mugoroba." Ni bangahe hano batagira ikarata y'amasengesho, nimukirize amaboko yanyu. Ôo, yemwe! Ni neza, ubu reka gusa tuvuge iki, ndizigira ko bitumvikana nko kurogota. Ariko hărihó umugore umwe muto igihe kimwe atări afise ikarata y'amasengesho, ni ko twobivuga. Yagîye abandana mw'igugu ry'abantu, avuga ati (nimwumvirize neza), "Hamwe noshobora gukora ku mpuzu z'UWo Muntu, noca nkira." Ni bangahe bazi iyo nkuru ? Ni neza. None yakóze iki ? YaraMukozeko, aca aragenda ariyicarira. Hanyuma Yesu Arahindukira, Yarí Azi aho ari. Ivyo si vyo ? Yarí Azi ingorane ziwe izo ari zo. Mbega ukwo ni ukuri? Yarí Azi ingorane ziwe izo ari zo, ku bw'ivyo Aca Aramubwira ingorane ziwe izo ari zo. Aca yūmva mu mubiri wiwe yuko ubutinyanka bwāhagáze. Mbega ukwo ni ukuri? Kubera iki? Yarí yâMukózekó.

53 Rero, ni Abakristo bangahe hano kuri uno mugoroba bazi, twisunze n'Abaheburayo, Igitabu

c'Abaheburayo, yuko Yesu ubu nyene Ari Umuherezi Mukuru, Umuherezi Mukuru Ashobóra gukorwako n'ubumuga bwacu? Si vyo? Ni neza, nimba Ari wa Muherezi Mukuru nyene, ca gikorwa nyene, Umuherezi Mukuru, none Yohejeje Agakora Ate ? Yōkoze neza na neza co kimwe nka kumwe Yakóra kiriya gihe. Mbega ivyo muravyizera ? Yokoze neza na neza nk'uko Yakoze kiriya gihe, nimba ivyo mushoboye kuvyizera. Ni neza. Ni bangahe ivyo bavyizera, kiriza ukuboko kwawe, uvuge uti, "Vy'ukuri ndavyizeye"?

Ni neza, imbere yuko bagira umurongo w'amasengesho, reka tugire umurongo w'amasengesho ng'aho muri. Ndazi ko Ari hano. Ndu-ndu-ndumva ukubaho hano kwiWe, kandi nda-ndazi yuko Ari hano. Ni muze. Umurongo w'amasengesho uriteguye? Nagira mpamagare hariya. Nimu-musenge gusa, nimurabe ino gusa musenge, mwizere gusa.

54 Umukenyezi umwe yicaye hano ampanze amaso, yicaye i ruhande y'umukenyezi yambaye amarori. Mbega ntimushobora kubona Ico kiri hejuru y'uwo mugore? Rabe hano. Murabona? Arwaye umutima. Urizera ko Imana Iza kugukiza? Nimba uvyizeye, nukirize ukuboko kwawe. Iyo ni yo yari ingorane yawe. Ni vyo. Rero nimba iyo yari yo ngorane yawe, kiriza ukuboko kwawe kugira ngo abantu babibone, kiriza ukuboko kwawe nk'uku. Uhereye ubu, ntukiyifise ukundi. Ukwizera kwawe kuragukijije.

Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Ôo, hariho umwâryāná; ariko Yesu Kristo Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Mbega ibi…Rero nimubandanye musenga gusa, urabona, ntibisaba ko urinda kuba hano hejuru, ni ukugira mubimenye.

55 Ubu na ho, ng'uyu umukenyezi. Ku vyonzi jewe, sindigera ndamubona mu buzima bwanje, ni umugore gusa ahagaze hano, afise ikarata y'amasengesho, kandi ntiwari uzi ko wari guhamagarwa canke utari guhamagarwa. Umuntu kanaka yāguhâye gusa ikarata y'amasengesho, none i-inomero yawe yahamagawe, ku bw'ivyo rero uca uraduga hano. Mbega ukwo n'ukuri? Kandi nta buryo mfise bwo kumenya ico uri, uwo uri we, aho uva, ico ushaka, nta na kimwe ndabiziko. Ndi umugabo gusa, nawe uri umugore. Ni vyo. Ibísa n'ibi nyene vyărabâye igihe kimwe muri Bibiliya, Yohana Mweranda, Ikigabane kigira 4.

Ubu rero mwovuga muti: "Wakoze iki, ga Mwene Data Branham, ubu nyene, mu kanya gaheze?" Gushitura gusa, murabona. Jewe nta vyo nzi, urabona. We ni We Ategerezwa kubikora. Jewe nta vyonzi. Urya mugore na we harya yagize ate? Sinari bwigere mbona uwo mugore mu buzima bwanje. Sindamuzi na gato. Ndizera ko yari umugore. Ni nde wa muntu yari ahejeje gukira ubu nyene ngaho mw'ikoraniro? Mbega wo…Egome. Ntituzinanyi. Nimba uko ari ukuri, nuzungagize ukuboko kwawe nk'*uku*. Murabona? Sinari bwigere mbona uwo mugore. Ariko yari yîcaye harya, yîzēye. Rero, yakoze ku Kintu kanaka, si ko? Nta co vyāri kumara kunkorako jewe.

56 Ariko ubu ntimushobora kubona yuko Bibiliya ari Ijambo ry'Imana koko? Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Ducika insâgo z'uwo Mpwemu Yera ari we Kristo. Murabona? Urwo ni rwo Rubuto nyakuri. Rero iyo uwo Mpwemu Yera w'ukuri yinjiye muri rwa Rubuto nyakuri rw'Ijambo, atarí… Ntafata igice caRyo gusa (kuko, umurwanizi akoresha ico), utegerezwa kuRifata ryose, urabona, buri Jambo RyaRyo; kuko, We si Imana y'igice, ni Imana yose. Murabona? Kandi ivyo ni vyo bishika.

Ubu rero, ng'uyu umugore hano, sindigera ndamubona. Yesu yarahuye n'umugore nk'uyu igihe kimwe, kumbure si mu buryo bumwe, nta vyo nzi. Akaba Yari Yicaye kw'iriba. Ya-Yarí Akeneye kumanuka i Samariya. Kandi dusanga Samariya yarí musi y'umusozi. Hanyuma-hanyuma Yarí Agiye i Yeriko, na ko, máze Azūnguruka i Samariya, Ashika mu gisagara c'i Sukara. Maze Yicara kw'iriba, Aca Arungika abigishwa biWe kugura ivyo kurya.

57 Mbega kw'isi hari amoko angahe y'abantu? Atatu. Abantu bo kwa Hamu, Semu, na Yafeti. Twese tuva kuri Nowa. Abasígaye bose bărahónejwe kiriya gihe. Ubwoko butatu gusa bw'abantu, ari bo Bayuda, Abanyamahanga, n'Abasamariya (bakaba bäri ikivange c'Abayuda n'Abanyamahanga). Kandi ayo ni yo moko gusa ari kw'isi, murabona, atatu gusa.

Ikintu cose mu Mana gitungana muri gatatu. Ni nka bimwe bitatu nāmyé mvugako kuri uno mugoroba: intambwe zitatu z'ûmwâryāná, intambwe zitatu z'Ijambo ryĭgize umubiri, n'ibindi. Murabona?

Rero, kandi Wé-Wé Yavúganye n'Abayuda, Yabwîye Filipo, igihe yazána Natanayeli, aho yari ari, Avuga Ati: "Namubonye aho yari musi y'igiti." Yabwîye…Andereya yarí yázanye Petero, Avuga Ati: "Izina ryawe ni Simoni, kandi uzokwitwa 'Petero' uhereye ubu." Yavúze Ati: "Uri mwene Yona." Murabona? Rero abo bose bări Abayuda.

Ariko hano Agiye ku Munyamahangakazi…Si Umunyamahangakazi, ariko ni Umusamariyakazi.

Ubu naho haramukiwe Abanyamahanga. Ntiyĭgeze akora ico na rimwe ku Banyamahanga. Nimuserangure Ivyanditswe. Nta na rimwe. Ariko Yarasezeranye, muri Luka 22, yuko Yōbikóze neza na neza imbere y'Ukuza.

Ariko Yarí Yicaye hariya, haca haza imvange y'Umuyuda n'Umunyamahanga, umugore. Hanyuma

Aramubarira Ati: "Mugore, nuNzanire utwo kunywa."

Aca avuga ati, "Ariko, ivyo ntiwategerezwa kubinsaba, vy'ukuri. Turi…Hariho ukunênana hano. Uri Umuyuda, nanje-nanje ndi Umusamariyakazi."

Avuga Ati: "Ariko iyaba wari uzi Uwo muriko muravugana, ni we wari kuNsaba utwo kunywa." Yaríko Akora iki? Yaríko arinjira mu mpwemu yiwe. Hanyuma ubwo nyene Amáze gutora ingorane yiwe iyo ari yo, neza, Yacîye Amubwira kuja kuzana umugabo wiwe. Avuga ko ata we afise. Avuga Ati: "Uvuze kó, warí ufise batanu."

58 Ubu rero, nimurabe, igihe Abafarisayo bǎMubona Akora ivyo. Ng'aho, uwo mwâryānáng'aho nyene mw'Ijambo, bǎvuze iki? Bǎvuze bati: "Uyu Muntu ni Beyezebuli, umuraguzi." Murabona?

Yesu na We Yavúze Ati: "Uwuzovuga ivyo kuri Mpwemu Yera igihe Azoba Aje gukora ivyo nyene, ntayokwigeze abiharirwa." Ng'uwo wa mwâryānáwanyu. Murabona? Ariko Wé Yavúze ko Yobahariye ico gihe, kuko Mpwemu Yera Atǎri bwaze; ca Kimazi, wa Mwagazi w'Intama utǎri bwapfe.

Ariko uwo mugore we ivyo sivyo yǐyumviriye. Uwo mugore yavúze ati: "Mugenzi, ndabona ko Uri Umuntu Avugishwa n'Imana." Bǎri bamaze imyaka amajana batagira umuvugishwa. Avuga ati: "Ndabona ko uri umuntu avugishwa n'Imana. Turazi ko Mesiya Azoza, yitwa Kristo, uwo aho Azozira, ivyo ni vyo Azokora."

Neza, nimba ivyo ari vyo Yakóze, Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi. Uko ni ko Yǐmenyēkanīshije ico gihe, mbega si co kimwe n'uno munsi? Ategerezwa! Ubu rero ng'uyu umugore n'umugabo bongeye guhura kandi. We si wa mugore, nanje si ndi nya Mugabo. Ariko n'ubwo biri uko Umwe Mpwemu Yera nyene Ari hano, Akaba Yáratânze isezerano yuko ibikorwa Yakóze, natwe twokoze nk'ivyo nyene mu minsi y'aho Wa Mwana w'Umuntu Yohishuriwe.

59 Rero, sindakuzi (kandi ivyo urazi ko ari ukuri), ntituzinanyi na gato, kandi uhagaze hano. Hariho i… Kumbure ikitagenda neza, kumbure nta kihari, nta vyo nzi. Ariko Umwami Yesu Niyampishurira, bícīye kuri Mpwemu Yera WiWe, ingorane yawe iyo ari yo, uraza kwizera ko Ari Umwana w'Imana, atari umuntu buntu? Iki ni igifumiko gusa, *uru* rusâgo urwo - urwo Imana Ikoresha, uwo Yahisemwo wese. Yó-Yó ivyo Ibikora ku bw'ubuntu bwaYo ntayegayezwa n'ugutoranya. Rero, ariko wizere. Sivyo? [Uwo mugore avuze ati, "Amen"- Umw.]

Ni bangahe mw'ikoraniro bazá kuvyizera? Ehe twese babiri duhagaze hano nyene imbere ya wa Muco, tukaba tutari bwigere duhura muri buno buzima, sinzi na gato uwu mugore uwo ari we, ico arico, aho ava, ico ashaka. Sinari bwigere ndamubona mu buzima bwanje, nk'uko ntari bwanigere mbona urya mugore *harya* hepfo mu buzima bwanje. Ariko, murabona, ng'iki ico ndiko ngerageza kubashikana gukora: nimukure uwo mwâryānámuri mwebwe kano kanya, mwizere Ijambo mu gihe Ijambo Ryīhâye umubiri aha nyene hagati yacu. Ijambo Ribāye Rizima mu mibiri yacu bwite, Ukubaho kw'Imana.

60 Rero ese Yomuha ico akeneye. Akeneye ikintu kibereye. Nta mwana afise, ashaka akana. Afise nk'imyaka mirongo ine. Ico vy'ukuri si ikidashoboka.

Hariho abicaye aho ubu, abagore bǎri ingumba ubuzima bwabo bwose, bǎje ku gicaniro nka kuno, hanyuma Umwami Abaha abana. Bamwe muri mwebwe mubǐzi ng'aho nimukirize amaboko yanyu. Murabona? Murabona? Naráteruye akigeme k'igikundiro ejo bundi, ku w'Iyinga, máze kuva hano, ku w'Iyinga ku muhingamo; Umwami Yavúze ko nyina yarí ingumba. Mbega ako kigeme, ako kana gato keza, kari hano? Kari he? Egome. Ngaka, hano nyene, kīcaye hano nyene hepfo. Nyina yīcaye harya. Ng'aka nya kigeme, ubwako. Murakabona? Kǎri Ijambo ryǎvuzwe Rivuye ku Mana.

None rero, urazá kuMwizera n'umutima wawe wose? Urizera ko iyo mihezagiro ufise, iyó uriko urumva muri wewe kano kanya, ari Imana Iriko Irishura? Hamwe Imana Yombarira izina ryawe iryo ari ryo, kugira ngo ushobore guha izina uwo mwana, wokwizera? Rero, MukaThompson, urashobora kwitahira i muhira no kwironkera akana kawe, nimba uvyizeye n'umutima wose.

61 Urizeye n'umutima wawe wose? Gira ukwizera gusa, ntukekeranye, wizere Imana gusa. Imana ni Imana.

Amakuru maki, mushingantahe? Ndibaza ko tutazinanyi, kandi. Igihe kimwe nigeze kukubona mu buzima bwanje, ku vyo jewe nzi, ni igihe warikó uraza hano. Nanje nari nîbajije ko uri sewabo wa mwene Data Shakarian, canke nde…Mashagian, mwene Data Mashagian, wa muririmvyi, igihe waza hano. Niho nakubona ugiye mu murongo w'amasengesho. Uburero, ntituzinanyi, na, sindakuzi, kandi nawe ntunzi, mu buryo ubu canke ubundi. Ubu rero, Umwami Yesu niyambarira ikintu kanaka ico u-ico uri, kumbure ico urondera, reka tuvuge uko; Akabikubarira, Akambarira ico urondera. Kano kanya, Yāmaze kukiguha. Ikintu kimwe gusa ni ukwizera guhagije kwo kuvyizera.

Ubu rero, ni bangahe ivyo babitahura? Ukwizera guhagije gusa ko kwizera yuko uronse ico wasavyé!

Murabona?

62 None ubu, ubu, nimba uri hano ushaka ikintu kanaka, Akaba Ashoboye kumbarira icipfuzo cawe ico ari co, hanyuma ukaba uzi yuko jewe ntazi icipfuzo cawe, ubwo rero gitegerezwa kuba Ikintu kanaka hano kiriko kirabikora. Rero, twisunze Ijambo, Yarásezeranye kubikora. Yarámenye ivyiyumviro vyo mu mitima yabo. Mbega ukwo ni ukuri? Neza.

Ufise icipfuzo kidasanzwe co gukira. Ikintu kimwe, urwāye indwara yo guhagarika umutima, guhagarika umutima koko. Ukwo ni ukuri. Ikindi na co, urafise ingorane y'umugongo, kandi uwo mugongo warágukómereye igihe kimwe, ku buryo wanábāzwe. Ivyo ni NI KO UHORAHO AGIZE. Ukwo ni ukuri. Murabona. Ni vyo. Kandi ng'iki ikindi kintu, icipfuzo cawe gihambaye, ni uko, ushaka kwakira umubatizo wa Mpwemu. Uko ni ukuri neza na neza. Ngwino hano.

Mana Mukundwa, mw'Izina rya Yesu Kristo, uyu mugabo niyuzure Mpwemu Yera, imbere yuko ava hano hantu, mw'Izina rya Yesu. Amen. Ubu nuMwakire, mwene Data. Ugire ukwizera gusa, ntukekeranye.

63 Amakuru maki? Ndibaza, aho jewe ngeza kumenya, ntituzinanyi. Nimba ivyo ari vyo, erega, kugira ngo abantu babimenye, kiriza ukuboko kwawe kugira babone ko tutazinanyi. Sinari bwigere ndamubona mu buzima bwanje, ku vyo nzi. Kandi ndibaza na we ntiyari bwigere ambona, kiretse aho yari aha mw'ikoraniro. Kuko Data wo mw'Ijuru arazi, kandi ng'iri Ijambo ryiWe Riri hano imbere yanje, yuko ntari bwigere mbona uwu mugore, ku vyo jewe nzi, mu buzima bwanje. Ku bw'ivyo, sinomenye igituma uri hano, nta n'iciyumviro mfise k'uwo uri, ico, canke ikindi cose kikwĕga. Nta kintu na kimwe noshobora kukubarira.

Ikintu kimwe conyene, ni ingabire gusa. Hamwe nshóboye… Nk'uko wānyumvîse ndábisigūramu kanya gaheze. Nîkūye mu nzira gusa, nkumva ivyo Avuga ; ivyo mbona, ndashobora kubivuga. Ico Wé Atavuzé, sinshobora kukivuga. Ivyo nokwivugira jewe ubwanje, ntivyoba vyó. Murabona? Ntivyoba vyó. Ariko iyo We abivuze, kuba ari ukuri ntabanduka. Ntibishobora namba, ntivyĭgeze kutába vyó namba. Ntibizigera namba kutaba vyo igihe cose iguma ari Imana. Murabona? Murabona, kubera Imana Ntishobora kwihenda.

64 Ariko nimba Imana Ishoboye kumbarira ico ushaka, icipfuzo cawe ico ari co, canke-canke igituma uri hano, ikintu kanaka wakóze, canke ikintu kanaka, ikintu nk'ico, canke uwo uri we, aho uva, canke ikindi cose Ishaka kumbarira, mbega wokwizera? Urakoze.

Ikintu kimwe, urafise ingorane y'ibirenge. Ibirenge vyawe birakubabaza. [Uwo mugore aciye avuga ati: "Egome" -Umw.] Ni vyo. Kiriza u…Urafise ingorane z'abakenyezi, indwara y'abakenyezi. ["Egome."] Kandi urafise icipfuzo kidasanzwe mu mutima wawe, kuko harí umuntu watākáje canke ikintu kanaka. Ni umuhungu, umuhungu wawe yaravuye i muhira, aratoroka, kandi ushaka ko nosenga kugira ngo agaruke. ["Egome."]

Mana Uri mw'Ijuru, Murungikire umwana wiwe n'ugukira. Reka Mpwemu Yera Ahagarike uyo musore mu nzira kuri uno mugoroba, Amusubize kwa nyina wiwe. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

Wé Azí Azomukugarukanira. Ntugire ikibazo. Niwizere kano kanya, ntukekeranye. Ugire ukwizera gusa, n'umutima wawe wose. Wizere, Imana na Yo Izotanga ibisigaye.

65 Ubu rero, ukwo kumenya ibinyegejwe gutatu canke kune, ico vyari biri cose, urabona, na-nābāndānije kugeza aho ataco nkibona. Ivyo sinshoboye kubisigura, nta buryo bwo kubisigura buriho. Muvuga muti: "Ushāka kuvuga, ko ivyo gusa vyāri bíruhije kurusha iminota mirongo ine n'itanu canke irenga wamazé uvuga ubutumwa, uribaza?" Egome, mushingantahe. Naho yari kubá amasaha atatu, ntivyōshikīra aho.

Umugore umwe yarákoze ku mpuzu y'Umwami wacu Yesu. Kandi ntíbaríko bakora kuri jewe. Kubera iki, uyu mugore hano, nimurabe hano, yoshobora gusa… (Nshirako ibiganza vyawe, murabona?") Yānkózekó, nta na kimwe vyokora, ndi umuntu buntu. Ariko ategerezwa gukora kuri We. Hanyuma nanje, bícīye ku ngabire, gusa-gusa…iragenda gusa, jewe wese ndagenda, hanyuma nkavuga gusa ivyo mbona. Murabona? Ni ivyo gusa. Murabona, kunkorako ntaco bivuze, arîko akora kuri Yesu bícīye muri jewe. Ukwo ni ko wa mugore yakóze ku Mana bícīye muri Yesu, mu gihe Atari Azi ingorane yiwe iyo ari yo. Yakóze ku mpuzu yiWe gusa, aca aragenda ariyicarira. Hanyuma Avuga Ati-hanyuma Avuga Ati: "Ni nde aNkozeko?"

Maze intumwa zivuga ziti: "Erega, abantu bose bariko baraGukorako. Kubera iki Uvuga Urtyo?"

Avuga Ati: "Ariko numvise ko inkomezi zaNsohotsemwo."

None ubu, murazi ico ari co inkomezi? Inguvu. Inguvu ziWe zărahéze Akozweko n'umugore umwe, kandi Yári Umwana w'Imana. None vyogenda gute kuri jewe nanje, umunyavyaha, yakíjijwe n'ubuntu bwiWe? Murazi igituma birenze? Ni ukubera Yavúze Ati: "Ibi bintu Nkora, namwe muzobikora. Muzokora n'ibiruta ibi, kuko Ngiye kwa Data." "Ibirengeye," ni ko havuga, ariko insobanuro nyakuri y'Ikigiriki ni, "N'ibiruta ibi muzobikora."

66 None rero, uyo mugore nta we nzi. Nta na kimwe nzi kuri we. Ntanzi na gato nk'uko vyāri bimeze kuri bamwe bandi. Ntituzinanyi. Kugira gusa ngo abantu babimenye, urashobora gukiriza ukuboko kwawe, uvuge uti: "Ntituzinanyi." Rero, Umwana w'Imana, nimba igihe kimwe Yárahûye n'umugore umwe mu buryo busa n'ubu, kw'iriba, hanyuma Akavugana na we akanya gato gusa, máze Aca Aramenya aho ingorane yiwe yari iri, Aca Aramubwira ingorane yiwe iyo ari yo. Ku bw'ivyo aca amenya biciye kuri ivyo, yuko uwo Yari We Mesiya. Rero ko-ko na… Wānkózekó, nagukozeko, nta na kimwe cābāyé. Ariko hamwe ukwizera kwanje (bícīye ku ngabire) n'ukwizera kwawe (bícīye mu kuyizera) kwoshobora kuMukorako, hanyuma Agashóbora kuvugira muri twebwe ku… muri jewe akubwira, rero uca umenya yuko Arí hano nka kumwe Yarí kuri rya-rya riba i Sukara. Murabona? Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Mbega ivyo uravyizeye?

Ufise ingorane nyinshi, imibabaro myinshi, ibibazo vy'urusobáne! Kimwe mu bintu nyamukuru ushaka gusengerwako ni amakonyera. Uko ni ukuri. Si ko? Amakonyera aragukongataza. Iyo ubonye udugije ukuboko kwawe…

67 Kandi waje wîyandāza ukuntu kanaka, nimba nibuka neza. Kumbure hinge gato, kumbure ikindi kintu kanaka kirashobora kuvugwa gica gikuraho i… Canke, murazi, murumva ibintu; abantu, murazi, nink'impwemu ziba zije ziBirwanya. Bavuga bati: "Erega, Yabicacīshije," canke, murazi, ibintu nk'ivyo.

Ariko, uboneka nk'umuntu mwiza, vugana nanje akanya gato gusa. Reka duhagarare hano gato gusa, kuko ndibaza koko yuko hariho kintu kanaka kindi kiri mu mutima wawe uriko urarondera ku Mana. Ubu rero, jewe sinari nshoboye kwishura amasengesho yawe, ariko Wé Arashoboye guhi… Kubera, nimba uvyizeye, yāmaze kwishurwa. Ariko nimba ugomba kwizera; kugira ngo wizere. Ubu, ndakubwire, ni ivyĕrekeye umukundwa umwe atari hano, akaba ari mwene wanyu, kandi uwo mwene wanyu ntari no muri iki gihugu. Ari mu gihugu gisa n'igifise amâzi-mâzi, ibiyaga vyinshi. Novuga nk'ikintu kanaka nko muri Michigan canke intuze…Egome, Michigan ni ho h'aho. Kandi arwaye indwara mbi yica, na yo ikaba ari indwara y'amafyigo idakira imucumukuje. Ukwo ni ukuri, si vyo? Ivyo ni NI KO UHORAHO AGIZE. Ubu rero, ico gitambara ufise mu minwe, wakiríje ku Mana, nukirungikire uwo mwene wanyu kandi umubwire ntakekeranye, ariko yizere, kandi kizoca, azoca akira ubwo nyene nimba uvyizeye.

68 Urizeye n'umutima wawe wose? Urabona, rero, nimba wizeye, hariho ikintu kimwe conyene co gukora, ni ukuvyemera mu buryo ntabanduka. Mbega ivyoni ukuri?

Ubu rero muvuga muti: "Ariko arabarāba, abo bantu. Ico ni co ariko arakora, kubarāba." Ivyo murabibona cane!

Ariko hamwe ibi mwoba mutabizi…Uyu mupfasoni hano, ngwino hano kuri uru ruhande, mupfaso, hano, uwurwaye, uwo uri we wese. Sindiko ndamurāba. Urizeye ko Imana Ishobora kumpishurira ingorane yawe? Kiriza ibiganza vyawe, nimba uvyizeye, uyu mupfasoni hano, uyu mupfaso nihano, arwaye. Egome. Egome. Neza, rero nimba ivyo uvyizeye n'umutima wawe wose, iyo ndwara ya hasima ntizongera kugucumukuza ukundi. Neza, niwitahire i muhira kandi uvyizere!...?...

69 Sinamurāvye, si vyo? Murabona, Wé…Urâvye muri uru ruhande, iyerekwa riguma ari ho riri naho hoba iki. Amen! Mbega ntimushobora kubibona? Mu buryo butunganye neza nk'uko Imana Ishoboye kuba Iyitunganye !

Urizeye, nawe? Na we nyene hasima irashobora kukuvako, si vyo? Urizeye ko ishobora kukuvako? Neza, genda ubwire Umwami Yesu yuko u-uMwizeye.

Umunsi umwe vyōgusavye kugendera ku-ku kibando iyo ayo makonyera aza kukumugaza, ariko nta vyo azokora. Ntuzomugara, ntiwīzêra yuko azokumugaza, si ko? Wīzēye yuko ugiye kumera neza? Niwigire, kandi Yesu Kristo Aragukijije.

Indwara y'umutima irica abantu, ariko wewe ntitegerezwa kukwica. Urizeye ko Imana Igiye kuwúgukíza, Ikaguha amagara meza? Genda uvyizeye n'umutima wawe wose, uvuge uti: "Muvy'ukuri ndavyizeye."

70 Uravuga Icongereza? Urumva Icongereza? [Mwene Data Branham asavye ko haza uwusobanura -Umw.] (Umuntu umwe aciye aza.) Egome, neza. Uraza kumubwira ivyo ndamubarira? Numubwire yuko niyizera, iyo ngorane y'umushishito ica imuvako. A-araza kuvyizera? N'iyo ngorane yawe y'umugongo iraca ikuvako, na yo nyene, rero kano kanya urashoboye kwigira kandi ukire.

Amakuru maki? Urizeye? [Uwo mugore avuze ati: "Egome, mushingantahe." -Umw.]

Urya mugabo yīcáye hariya afisé ingorane y'umugongo, yarikó arāndāba igihe navugá ivyo. Arashobora gukira, na we nyene, nimba uvyizeye, mushingantahe. Neza, mushingantahe.

Uwo mupfasoni yīcáye ng'aho nyene i ruhande yawe, ufise ingorane y'izosi, si vyo, mupfaso? Urizeye ko Imana Iza kugukiza? Ushaka kurambika ibiganza kuri ako gahungu gato ku bw'amavi yako, gaca gákira,

na ko nyene. Mbega uravyizeye? Ufise ingorane z'abagore, indwara y'abakenyezi, uhereye ubu ntayo ugifise. Ukwizera kwawe kwāgukíjije kandi kwāguhâye amagara meza.

71 Murizeye Yesu Kristo, Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose? Reka rero turambikaneko ibiganza hanyuma dusenge iri sengesho ry'ukwizera, buri umwe wese muri twebwe, dusenge isengesho ry'ukwizera.

Mana Mukundwa, mu gihe dutwikiririwe cane mu Nyonga ZaWe za Kimana, túKubona Ugendagenda mw'ikoraniro, Ukíza abarwaye hose. Uri Imana. Ndasavye ngo Ukize rino koraniro ryose. Reka Impemu z'Imana zishike gushǎsha mu mitima yabo, kandi reka bamenye ko igihe kiriko kirahera. Dusigaje akanya gato gusa hano, hanyuma tuzoca tuja kwibanira n'UWo dukunda. Kandi reka kano kanya Inyonga ZiWe zizanire ugukira umw'umwe wese.

Turaciriyekw'iteka Satani, turaciriyekw'iteka ibikorwa vyiwe vyose. Mw'Izina rya Yesu Kristo, Satani, va muri bano bantu.

Abagiye kuMwizera mwese kano kanya, no kêmera ugukira kwanyu, nimuhagarare ku birenge vyanyu, muvuge muti: "Kano kanya ndahagurutse kugira ngo nemere ugukira kwanje. Ndavyizeye." Uko woba umerewe kwose, nimba uvyizeye koko, nuhaguruke wēmé. Ubu rero nimuduze ibiganza vyanyu, muvuge muti: "Urakoze, Mwami Yesu, kubwo kunkiza." Imana Ibane namwe. Amen

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7